# 2026
# Nda-Ruhe

Vol 102, No 2

Ivyigwa vya Bibiliya vy'ishure ry'isabato vy'abakuze



# IVY'INGENZI VY'UBUHANUZI

## Gusesangura inyigisho z'ubuhanuzi bwa Daniyeli na Yohana

# IBIRIMWO

1. Intangamarara ku buhanuzi ........................................................................5
2. Imana irungikira abami intumwa ...................................................................10
3. Ubwami buzoza bwahishuwe ........................................................................15
4. Inzozi za mbere za Daniyeli .........................................................................20
5. Ikurakuranwa ry'ubwami ..............................................................................26
6. Ubusobanuro bw'iyerekwa ...........................................................................31
7. Igitabo kimatanijwe congera kuzingururwa ..................................................36
8. Umuhanuzi w'I Patimo .................................................................................41
9. Igisato, umugore n'abasigaye .......................................................................46
10. Igikoko n'igishushanyo caco ........................................................................52
11. Abamarayika batatu ....................................................................................57
12. Umuhamagaro uheruka ...............................................................................62
13. Iherezo ryahanuwe ......................................................................................67

Ivyigwa vya Bibiliya vyo mw'Ishure ry'Isabato, ni integuro yo kwiga buri munsi, ishingiye gusa kuri Bibiliya na Mpwemu w'Ubuhanuzi ntazindi nsiguro ziyongerako. Amajambo yakoreshejwe ni magufi ashoboka kugirango atange ivyiyumviro bigufi, bitaziguye. Utwugazo [] dutangwa mubihe bimwe kugirango tumenyeneza, imimerere ikwiye kandi bisobanuke neza. Ubundi bushakashatsi mu vyigisho vyatanzwe burakenewe cane.

**Ubusobanuro n'igifuniko**: Italian Church, Côte D'Ivoire Mission, Prague Church, H. Cibalde

Copyright © 2026 vyateguwe n'urwego rukuru rw'abadiventiste b'umusi w'indwi bavugurura, Sabbath School Depar, 5240 Hollins Road, Roanoke, Virginia 24019, USA. Telephone: 1-540-362-1800 • Web: www.sdarm.org • E-mail: info@sdarm.org

# IJAMBO RY'INTANGAMARARA

Bibiliya yanditswe yongera ibikwa nk'igitabo nyobozo cahumetswe ku bwacu. Inkuru ziyirimwo zitanga inyigisho zitagira uko zingana ku buzima bwacu n'ibihe turimwo. Iyi nkuru ivuga amateka y'ivyo Imana yakoreyeye amahanga n'ubwoko bwayo idutera integer kandi ikatwemeza ivy'urukundo rwayo. Kandi ibishingantahe vyayo vy'agaciro kurusha ibindi, inkuru y'ubuzima n'ubutumwa bwa Yesu, ikangura urukundo rw'Imana muri twe 'Kuko ariyo yabanje kudukunda' (1 Yohana 4:19).

Kimwe mu bintu biteye amatsiko biranga Imana yacu dusanga muri Bibiliya nuko imenya ibizoba-'ishobora guhera ku vy'itanguriro ikavuga ivy'iherezo' (Yesaya 46:10). Ibi nivyo bituma ikoresha ububasha bwayo butagerwa kugira ngo "bifatanirize hamwe kuzanira ivyiza abakunda Imana" (Abaroma 8:28). Si ivyo gusa, uko ibihe biha ibindi, ihitamwo guhishurira ubwoko bwayo 'ibigira bibeho vuba' (Ivyahishuwe 1:1). Ibi bituma tugirira icizere mu rukundo rwayo no mu bufasha bwayo, kandi ni kimwe mu bimenyetso vy'uko Bibiliya yahumetswe n'Imana. Kuba ubuhanuzi busohora mu mateka kandi bukisubiriza mu gihe cacu, vyerekana ko ijambo ry'Imana rirengeye ibihimbano vy'abantu.

Ubuhanuzi ni ngirakamaro cane ku bana b'Imana. Umugisha wayo usezeranirwa "usoma, abumva amajambo y'uku kuvugishwa bakitondera ivyanditswe muri yo" (Ivyahishuwe 1 :3).

Mu nyandiko z'abahanuzi, babiri bagaragara cane mu gutanga ubuhanuzi bukwiye kandi butomoye bugaragaza amateka. Daniyeli na Yohana bahawe ubu buhanuzi bwihariye, kandi ibitabo vyabo, Daniyeli n'ivyahishuwe, nivyo tuzokwibandako muri iki gice c'ivyigwa vya Bibiliya vy'ishure ry'Isabato

Mu mezi atatu ari imbere, abanyeshure b'ishure ryo kw'isabato bazokwiga inkuru za Daniyeli na Yohana hamwe n'ibice bikurubikuru vy'ubuhanuzi banditse. Ibi bitanga umushinge wo gutahura ubutumwa bwo kugaruka kwa Yesu hamwe n'impwemu n'ibikorwa vya gipolitike vyo muri kahise na kubu.

Kuko ata mwanya ukwiye uhari wo gusobanura buri gice cose co muri ibi bitabo vyompi muri iki gice, abanyeshure bashishikarizwa gukora ubushakashatsi bwimbitse ku murongo wose wo muri ivyo bitabo, hamwe n'isano bifitaniye n'ibindi bice vyo muri Bibiliya.

Kimwe mu bitabo vyiza vyofasha abanyeshure n'abigisha b'ishure ry'isabato mu gutahura vyimbitse ubu buhanuzi, ni igitabo ca Uriya Smith, "*Ivyiyumviro ku buhanuzi bwa Daniyeli n'ivyahishuwe*. Turagisaba cane nk'ico dufasha mu vyigwa vyo muri iki gice.

Isengesho ryacu nuko muzogirirwa umugisha mu gihe mwiga ubu buhanuzi, kuko "igihe kiri hafi" (Ivyahishuwe 1:3).

*Igisata c'ishure ry'isabato muri Generali conferansi*



## Icicaro gikuru ca Misiyoni y'Ubutaliyani

Ubutaliyani, igihugu ciza cane, giherereye mu mutima w'ibahari ya Mediterane, kizwi cane kubera amateka yaco ya kera, ubuhanzi budasanzwe, ivyokurya vyiza, imisozi n'uturere twiza. Hambavu yo kuba gikwega ba mukerarugendo, ubutaliyano ni igihugu gifise amahinguriro n'uburimyi. Mu bantu barenga imiliyoni mirongo itandatu bahaba, ibwirizwashingiro ry'ubutaliyano riha umwidengemvyo mu vyo gusenga abantu bahaba. Ariko Katolika niyo ikiri iya mbere kuko ifise ibice74% vy'abantu, igakurikirwa n'ibice 9,3% vy'abatari abakatolika, kandi kubera imigenderanire y'abimukira, isilamu iriko ihibonekeza ku bice 3,6%. Aba bakurikirwa n'ayandi madini mato, hakiyongera abatemera Imana n'abatagira aho begamiye n'abo bariyongera.

Ubutumwa bw'ivugurura bwa mbere bwatangajwe mu butaliyani mu 1926, ariko mu myaka ya 1939-1940 niho imigwi ya mbere y'abavuguruzi yatunganywa. Guhera mu myaka ya 1990, abavugabutumwa bamwe bamaze kuhagera bavuye muri amerika y'epfo, Poritigali na Romaniya, umurimo waragutse kubwo gushinga iyindi imigwi mu bice bitandukanye vy'igihugu. Guhera ico gihe, ubutumwa bwatangajwe bishimitse kandi bwashinzwe mu bice bitandukanye; uyu musi dufise abizera barenga 130 bari mu mashengero 6, imigwi ibiri, n'abandi bizera bari ukwabonyene.

Uyu musi dufise inyubako imwe gusa y'urusengero iherereye mu buraruko bushira uburengero bw'igihugu, mu gisagara ca Trieste. Ariko tubona ko hakenewe vyihutirwa ahantu h'ingenzi ngo habe umushinge w'inkomezi n'ugukura mu vya mpwemu ku bantu bacu.

Iki kibanza nico kizoba icicaro gikuru ca Misiyoni yacu-kandi ibindi bice bihakukira bizotuma igitigiri kinini ca Benedata baronka uko bitabira ibikorwa vyateguwe, arivyo ishure ritoza abasore biciye mu masemineri, gahunda z'indirimbo, ama semineri yerekeranye n'amagara meza, hamwe n'inkarishabwenge zijanye no guteka ibimera. Twizera ko aha hantu hazoba umushinge wo guteza umurimo w'umwami mu butaliyani, ku bw'ivyo, turatumirira benedata, bashiki bacu n'incuti bo hirya no hino kw'isi gushigikira iki gikorwa mu gutanga babikuye ku mutima.

Kubw'ubuntu bwa Yesu no kudufata mu mugongo kwanyu, dushika kw'iri hangiro, dukomeze ivugabutumwa muri iki gihugu, kandi dushikane ubutumwa bw'agakiza ku bantu benshi. Imana ibahe umugisha kandi abahe ingororano nyinshi!

*Beneso ba Misiyoni yo mu Butaliyani*



# INTANGAMARARA KU BUHANUZI

**UMURONGO WO GUFATA KU MUTWE:** "Ariko turafise ijambo ryavugishijwe, ryarakomejwe kurushiriza. Mugira neza ko murishirak'umutima, ni nk'itara ryakira ahacuze umwiza, rigakesha ijoro, rikageza ah'ikinyenyeri co mu gaturuturu kizobandurira mu mitima yanyu" (2 Petero 1:19).

**Ibitabo Vyifashishijwe:** *Intambara ikomeye*, pp. 593–602.

"Amateka n'ubuhanuzi bishinga intahe ko Imana umuremyi w'isi ihishura amabanga yayo ibicishije mu bo yatoranije ngo bamurikire isi umuco.
"—*Bible Training School,* December 1, 1912.

## 1. UBWENGE BUTAGERWA

Kuw1, Ntwa29

a. Niki Imana yonyene ishobora kubona? Yesaya 46:9,10.

"NDIHO bisigura ko iri ahantu hose; kahise, kubu na kazoza vyose ni kimwe imbere y'Imana. Imana ibona ibiri kure cane vyo mu mateka ya kahise, ibona n'ivyo muri kazoza biri kure cane mu buryo bugaragara nk'uko tubona ibintu bibaho buri musi"—*The SDA Bible Commentary* [E. G. White Comments], vol. 1, p. 1099.

b. Niki Umwami wacu akoresha ubu bwenge? Daniyeli 2:20-22

"Imana yicaye ku ntebe hejuru y'imivurungano yose yo kw'isi; mu bumana bwayo nta kinyegejwe; kandi mw'ituze ryayo rihoraho kandi rikomeye, igera ko hatangwa ivyo ibona ko ari vyiza"—*Umurimo wo gukiza,* p. 417.

"Mu mateka y'ikiremwamuntu, ugukura kw'amahanga, ukuduga no guhanguka k'ubwami, bisa naho biterwa n'ubugombe hamwe n'ubushobozi bw'umuntu; guhinduka kw'ibintu, ku rugero rukomeye, bisa naho bigenwa n'ubushobozi bwiwe, ivyipfuzo vyiwe canke ubushake bwiwe. Ariko mw'ijambo ry'Imana igihuzu gikurwako, maze tukabona hejuru, inyuma no hagati y'imikino n'imivurungano y'ivyipfuzo n'ubushobozi n'irari vy'umuntu, ibikorwa vya Nyenimbabazi zose, ibikora mu gacerere, mu kwihangana kugira ngo isohoze inama z'ubushake bwayo"—*Abahanuzi n'abami,* pp. 499, 500.

## 2. AMABANGA YAHISHUWE



a. Niki Imana ikora igihe ishaka gusohoza ubugombe bwayo kw'isi? Amosi 3:7; Ivyahishuwe 1:1.

"Uhoraho ntazogira ico akora, atabanje kwibira akabanga abasavyi biwe avugisha. Mu gihe ibikiri amabanga ar'ivy'Imana yacu, ibimaze guhishurwa n'ivyacu n'uruvyaro rwacu ibihe vyose. (amosi 3:7; Gusubira 29:29). Imana yaduhaye ubi bintu, kandi umugisha wayo uzoherekeza abicisha bugufi, bakiga ubuhanuzi bwo mu vyanditswe vyera. —*Uwipfuzwa ibihe vyose,* p. 234.

b. Ni kuberiki Imana iturungikira ubwo butumwa? 1 yohana 3:1; 1 Yohana 1:12; Kolosayi 1:25-28.

"Bibiliya ni igitabo gitangaje. Ni amateka atwugururira ivyabaye mu binjana vyarenganye. Iyo hataba Bibiliya, twari kuguma muri kabaza n'imigani kubijanye n'ivyabaye muri kahise. Bibiliya ni ubuhanuzi buhishura kazoza. Ni ijambo ry'Imana riduhishurira ivy'inama y'agakiza, ikatwereka inzira yo kurokoka urupfu n'uko tworonka ubugingo buhoraho. Mu bitabo vyose vyuzuye isi, nubwo bifise agaciro, Bibiliya nico gitabo c'ibindi bitabo, gikwiye kwigwa kandi kigakundwa cane. Ntigitanga gusa amateka ya kahise, ariko kandi cerekena ishusho y'isi yo muri kazoza. Kirimwo inyigisho yerekeranye n'ibitangaza biri mw'isi, kidusobanurira imico y'uwaremye ijuru n'isi. Muriyo harimwo ihishurwa ry'Imana ku muntu."—*Ibimenyetso vy'ibihe,* Nzero 30, 1893.

c. Nubwahe bumenyi bw'ingirakamaro cane dukeneye kurondera? Yeremiya 9:23,24; Yohana 17:3; Abanyefeso 3:17-19.

"Mw'ijambo ry'Imana ubwenge buhakura ivyiyumviro vyimbitse, ibitekerezo vyisumbuye. Aha dushobora kugirana ubumwe n'abakurambere n'abahanuzi kandi tukumva ijwi ry'Uhoraho igihe avugana n'abantu. Aha tubona Umutware w'ijuru igihe yicisha bugufi kugira ngo ahagarare mu gishingo cacu n'umuvugizi wacu kugira ngo ahangane n'imbaraga z'umwiza wenyene kugira ngo atsinde ku bwacu. Kwiga wicishije bugufi kuri izi ngingo ntivyobura guhindura umutima, kuweza no kuwuhesha icubahiro, kandi muri ico gihe nyene, bituma ubwenge bugira ubushobozi n'inkomezi nshasha"—*Ibishingira intahe ishengero,* vol. 5, p. 25.

## 3. GUTAHURA IRYO JAMBO



a. Nubwahe bufasha dukeneye kugira ngo dutahure ivyanditswe vyera, harimwo n'ubuhanuzi? Yohana 16:7-13.

"Imana ishaka ko, mbere no muri ubu buzima, ubwoko bwayo bubandanya gutahura ukuri. Hari inzira imwe rudende yo kuronkeramwo ubu bumenyi. Dushobora gusa gutahura ijambo ry'Imana ku bwo kumurikirwa na Mpwemu w'uwaritanze. —*Ibishingira intahe ishengero,* vol. 5, p. 703.

"Bibiliya ntikwiye kwigwa hatabanje kubaho gusenga. Imbere yuko tuzingurura ama paje yayo, dukwiye kubanza gusaba kumurikirwa na Mpwemu yera, kandi tuzobihabwa. Igihe Natanayeli yaza kuri Yesu, Umukiza yaravuze ati: "at'ehe Umwisirayeli vy'ukuri, atarimw'ubugunge"! Natanayeli aramubaza ati: "wamenyeye hehe?' Yesu aramwishura ati: "Filipo ataraguhamagara, aho wari musi y'umusukoni, nakubonye' (Yohana 1:47,48). Kandi Yesu azotubonera aho dusengera mu mpisho, nitwamurondera ngo aduhe umuco kugira ngo tumenye ukuri ico arico. Abamarayika bo mw'isi y'umuco bazobana n'abicisha bugufi basaba kuyoborwa n'ijuru"—*Gutumbera Yesu,* p. 91.

b. Kuberiki ari ngirakamaro kutagendera ku vyiyumviro vyacu mu buryo busanzwe igihe twiga ubuhanuzi? 2 Petero 1:19-21.

"Mu gihe wiga iryo jambo, genzura imico usanzwe ufise n'ivyiyumviro warazwe n'ivyo wimenyereje. Ntuzokwigera ushika ku kumenya ukuri niwiga ivyanditswe vyera mu gushigikira ubwenge bwawe. Ivyo ubisige ku muryango, maze n'umutima wicishije bugufi, winjire ngo wumve ico Uhoraho ashaka kukubwira. Igihe umuntu arondera kumenya ukuri yicisha bugufi yicara ku birenge vya Kristo, akamwigirako, iryo jambo rimuha gutahura. Ku bantu biyumva ko bazi ku buryo batokwiga Bibiliya, Kristo arababwira ati: "Mutegerezwa kuba abicisha bugufi kandi bakaba abiyoroheje mu mutima namba mwipfuza kuba abanyabwenge ku vyo kumenya agakiza'

"Ntukige iryo jambo mu bwenge bw'ivyiyumviro vya kera; n'umutima utagira gukekeranya, urisese mu bwitonzi no gusenga. Namba mu gusoma utsinzwe mu mutima, maze ukabona ko ivyiyumviro ukunda bidahuje n'iryo jambo, ntukagerageze gutuma ivyiyumviro vyawe bihuza n'iryo jambo. Ntukemere ko ivyo wigeze kwizera canke gukora muri kahise biganza ugutahura kwawe. Fungura amaso y'ubwenge bwawe wirabire ibintu bitangaje biri mu vyagezwe. Suzuma ico canditswe maze ibirenge vyawe ubihagarike kuri Rutare ruhoraho—*Messages to Young People,* p. 260.

## 4. UMURONGO KU MURONGO

Kuwa 4, 1Ndam

a. Ni gute Imana itanga ijambo ryayo, kandi ni gute dutegerezwa kuryiga? Yesaya 28:9,10.

"Ikimenyetso c'ukuri kw'ijambo ry'Imana kiri mw'ijambo ubwaryo. Ivyanditswe vyera nirwo rufunguzo rufungura ibindi vyanditswe. Ubusobanuro bwimbitse bw'ukuri kw'ijambo ry'Imana tubuhabwa na Mpwemu waryo. —*Ibishingira intahe ishengero,* vol, *8,* p. 157.

"Nta muntu afise umutima wo gukunda inyigisho za Bibiliya ashobora gusoma umurongo umwe wo muriyo ngo areke atabonye iciyumviro c'ingirakamaro. Ariko inyigisho za Bibiliya zifise agaciro ntziboneka mu kwiga rimwe na rimwe canke mu kudahuza imirongo. Uko ukuri kwayo kumeze ntigushobora kumenywa n'umuntu asoma hutihuti canke ngo abifatire umwanya. Ubutunzi bwayo bwinshi bunyegejwe musi y'ubutaka, kandi buboneka gusa binyuze mu kubushakana umwete no kugerageza buri musi. Ukuri kuza kugira igice kinini gutegerezwa kuronderwa no kwegeranirizwa hamwe, 'tumwe aha, utundi hariya' (Yesaya 28:10)

"Igihe rero habayeho gusesa no kwegeraniriza hamwe ivyanditswe vyera, bisangwa vyose bihuza. Buri butumwa bwiza bwunganira ubundi, ubuhanuzi bugasigura ubundi buhanuzi, ukuri kumwe kugatenza imbere ukundi. Ubutumwa bwiza nibwo busobanura uko imico ya kiyuda imeze. Ingingo yose yo muri bibiliya ifise ikibanza cayo, ikintu cose gifise ico kivuze. Kandi mu nyandiko yuzuye, uko itunganijwe n'ishirwa mu ngiro kwayo, bishingira intahe nyene kuyitanga. Inyubako nk'iyo nta bwenge bw'umuntu bwoshobora kuyiyumvira canke kuyubaka kiretse Imana ihoraho"—*Education,* pp. 123, 124.

b. Ni kuberiki umurongo wose wo muri bibiliya ari ngirakamaro? Matayo 4:4, Luka 24:27.

"Ntidutegerezwa kwemera ibishingantahe vy'umuntu n'umwe ku vyo ivyanditswe vyera vyigisha, ari dutegerezwa kwiyigira ubwacu ijambo ry'Imana. Ubwenge buzokwaguka nibukoreshwa mu kwiga neza uko imirongo ya Bibiliya ifitaniye ubumwe, mu kugereranya ivyanditswe vyera n'ibindi, ivyampwemu n'ibindi vya mpwemu.............

"Ntidushobora kuronka ubwenge hatabayeho kuba maso no kwiga dusenga. Hariho ibice bimwe vyo mu vyanditswe vyera vyoroshe cane ku buryo bidashobora gusigurwa nabi, ariko hariho ibindi vyanditswe insiguro zavyo zitibonekeza ubwo nyene. Ivyanditswe vyera bitegerezwa kugereranywa n'ibindi vyanditswe. Hategerezwa gukorwa ubushakashatsi bwitondewe no gukunda gusenga. Kandi ayo masengesho azosubizwa. Nk'uko umucukuzi abona inzira y'icuma kinyegejwe musi y'ubutaka, niko uwurondeza ijambo ry'Imana ubudasiba nk'ubutunzi bunyegejwe, azobona ukuri kw'agaciro gakomeye kunyegejwe abatakuronderana umwete. Amajambo yahumetswe, yakiriwe mu mutima, azoba nk'imigezi y'amazi yiburuka ava ku mugezi w'ubugingo —*Gutumbera Yesu,* pp. 89–91.

## 5. KWIGANA UBWENGE

Kuw5, Nda 2

a. Ni gute inyifato yacu n'amahitamwo yacu bigira ingaruka ku bushobozi bwacu bwo gusobanukirwa ubuhanuzi? Daniyeli 12:10, 2 Timoteyo 3:1-8.

"Impwemu ikoreshwa mu gusesa ivyanditswe vyera niyo izogaragaza imico y'umufasha ari I ruhande rwawe. Abamarayika bava mw'isi y'umuco bazobana n'abarondera kuyoborwa n'Imana bafise umutima wicisha bugufi. Ariko iyo bibiliya yuguruwe nta kuyubaha, ukumva ko wihagije, umutima ukuzurwa no gukekeranya, Satani aba ari iruhande rwawe, kandi azotuma ijambo ry'Imana risigurwa mu buryo butaribwo—*Ibishingirantahe ishengero,* p. 108.

"Satani yatumye benshi bizera ibice vy'ubuhanuzi bwanditswe na Daniyeli na Yohana umuhishuzi budashobora gutahurwa. Ariko isezerano rigaragara ko umugisha udasanzwe uzoherekeza abiga ubu buhanuzi"— *Abahanuzi n'Abami,* p. 547.

b. Sigura akamaro ko gushira mu ngiro ukuri umuntu ku giti ciwe. Ivyahishuwe 22:7; Matayo 7:24-27; yohana 7:17.

"Abicisha bugufi Umwami arabayobora, kuko bigishwa kandi bakaba bipfuza guhabwa inama. Bipfuza vy'ukuri kumenya no gukora ivyo Imana igomba. Isezerano ry'umukiza ni iri ngo: 'Ni haba har'ugomba gukora ivy'uwo akunda, azomenya izi nyigisho' (Yohana 7:17). Kandi abivuga abicishije mu ntumwa yakobo ngo: 'Asangwa har'uwo muri mwebwe akennye ubwenge, n'abusabe Imana, igabira bose ata kinubwe, idaterana imirarwe, azobuhabwa (Yakobo 1:5). Ariko isezerano ryiwe rihabwa gusa abipfuza gukurikira Uhoraho n'umutima wabo wose—*Abakurambere n'abahanuzi,* p. 384.

"Namba ukeneye kumenya ibanga ry'imico y'Imana, utegerezwa gukurikiza ijambo ryose ry'ukuri, uvyiyumvamwo canke utavyiyumvamwo." Kumvira bitegerezwa kuva ku mutima nk'ihame, kandi ibitunganye bitegerezwa gukorwa ibihe vyose—*Fundamentals of Christian Education,* p. 125.

## IBIBAZO VYO KWISUZUMA KURI BURI WESE

Kuw6, Nda 3

1. Ku vyerekeranye n'ubwenge, ni gute Imana itandukanye n'ibindi biremwa vyose?
2. Niki Imana iduhishurira mu nyandiko z'abahanuzi, kandi kuberiki?
3. Igihe dufunguye ijambo ry'Imana, nubwahe bufasha dukwiye gusenga dusaba?
4. Nizahe mbaraga nkeneye gukoresha mu kwiga Bibiliya?
5. Mbega niteguye gushira mu ngiro ivyo nsanga mw'ijambo ry'Imana?

# IMANA IRUNGIKIRA ABAMI INTUMWA

**UMURONGO WO GUFATA KU MUTWE:** "Maze abo basore uko ari bane Imana ibaha gukerebuka no kuba uburyo mu vyo bigishwa vyose no mu bwenge; kandi Daniyeli yari n'ubwenge bwo gutahura ivyerekanwa vyose bo n'inzozi" (Daniyeli 1:17).

**Ibitabo Vyifashishijwe:** *Abahanuzi n'abami,* pp. 479–490.

"Ubuzima bwa Daniyeli n'abagenzi biwe ni ikimenyetso c'ivyo Imana izokorera abayiyegurira kandi bagashaka gusohoza umugambi wayo n'umutima wabo wose"—*Abahanuzi n'abami,* p. 490.

## 1. INYAGANO I BABULONI

Kuwa1, Nda 5

a. Ni gute Daniyeli yageze I Babuloni? Daniyeli 1:1-7

b. Niki cabaye inkurikizi ku ngingo Daniyeli yafashe yerekeranye no kutarya ku vyo kurya vy'umwami? Daniyeli 1:8-16.

"kuberako igice kimwe c'ivyokurya cari kigenewe ibigirwamana, ivyo kurya vyo ku meza y'umwami vyari bigenewe ibigirwamana, kandi uwabirya yafatwa nk'uwuhaye icubahiro imana z'ibabuloni. Kwubaha Imana kwa Daniyeli n'abagenziwe vyatumye batemera kwifadikanya mu guha icubahiro ivyo bigirwamana.

"Nta n'ubwo bubahutse kwikwegera ingaruka zica intege zitewe no kwiryohera zigakuraho no gukura mu mubiri, mu bwenge no mu vya mpwemu"—*Abahanuzi n'abami,* pp. 481, 482.

"Igihe Daniyeli n'abagenzi biwe bacishwa mu kigeragezo, bahagaze ku ruhande rwo gutungana n'ukuri. Ntibabikoze bahubutse, ariko babikoranye ubwenge. Biyemejeko, nk'uko inyama zitigeze ziba mu mfungurwa zabo muri kahise, zitategerezwa kuba imfungurwa zabo no muri kazoza. Kandi nk'uko kunywa inzoga vyari vyarabujijwe abakora umurimo w'Imana, biyemeje kutazinywa"—*In Heavenly Places,* p. 261.

c. Sigura igerageza n'isuzuma ry'umwami. Daniel 1:17–21.

## 2. KUGERAGERESHWA UMURIRO

Kuw2, Nda 6

a. Mu gukangishwa urupfu, ni gute abasore b'abaheburayo basuzumwe ku bijanye n'uko bumvira ibwirizwa rya kabiri? Daniyeli 3:1-15.

"si bose bapfukamiye ikigirwamana cerekana ububasha bw'umuntu. hagati y'abo bantu benshi bari baje gusenga ikigirwamana, harimwo abasore batatu bari biyemeje kudatukisha Imana yo mw'ijuru. Imana yabo yari Umwami w'abami, nta wundi bari gupfukamira"—*Prophets and Kings,* p. 506.

b. Ni gute bashoboye gushikama mu kwizera no kwumvira kwabo? Daniyeli 3:16-18; Yesaya 43:1,2.

"Iterabwoba ry'umwami ryabaye iry'ubusa. Ntiyashoboye guhindukiza abo basore ngo bareke ubumwe bari bafitaniye n'Umwami aganza isi. Mu mateka y'abavyeyi babo bari barize ko kutubaha Imana bitera isoni, ivyago n'urupfu; kandi ko kubaha Uhoraho ari ryo tanguriro ry'ubwenge, umushinge w'ubutunzi nyakuri. Mw'ituze bahagaze imbere y'itanure, bishura Nebukadinezari bati: "Ntiturinda kugira ico tukwishura kuri iryo jambo. Asangw'ariko bimeze, Imana yacu dusavye ishobora kudukiza muri iryo tenure ry'umuriro uhinda; kandi ntiyobura kudukiza mu kuboko kwawe, mugenzi. Ukwizera kwabo kwarushirije gukomera igihe bavuga ko Imana yoheshwa icubahiro mu kubakiza, maze mu kwizigira ko intsinzi iva mu kwizera Imana vyuzuye, barongeye bati: 'ariko naho bitoba birtyo, umenye mugenzi, ko tutosaba imana zawe, canke ngo dusenge ico gishushanyo c'izahabu wahagaritse'"—Ibid., pp. 507, 508.

c. Ni gute Imana yaheshejwe icubahiro mu kubakiza kwabo? Daniyeli 3:19,20,24-28.

"Yicaye ku ntebe ya cami, umwami yagumijeko akajisho, yiteze kubona abo basore bamusuzuguye baherengetera. Ariko umunezero wiwe w'intsinzi wahindutse ako kanya. Mw'ishusho y'uwugira kane mw'itanure ry'umuriro umwami yamenye ko ari Umwana w'Imana.......

"Muri ako kanya, ubwiza bwiwe n'icubahiro amaze kuvyibagira, Nebukadinezari yavuye ku ntebe yiwe y'ubwami.......

"Maze Shaduraki, Meshaki na Abudenego barasohoka bahagarara imbere y'ikoraniro, babonekana ko ntaco babaye....... Ico kigirwamana c'izahabu cari cahagaritswe mu birori, caribagiranye. Imbere y'Imana nzima, abantu bagize ubwoba bahinda agashitsi—Ibid., pp. 509, 510.

## 3. UBWIBONE NO GUCA BUGUFI

Kuw3, 7 Nda

a. Ni gute Imana yavuganye na Nebukadinezari umwami? Daniyeli 4:4-7.

"Ntibitangaje kubona uwo mwami yari yarageze kuvyo yipfuza kandi yaratwawe n'ubwibone, yoshwa akava mu nzira yo kwicisha bugufi, ariyo yonyene ishikana ku gukomera nyakuri. Mu mbabazi zayo, Imana yahaye umwami izindi nzozi, kugira imuburire ku vy'ingorane n'umutego yari yaratezwe ngo bimuherengeteze."—*Abahanuzi n'abami,* p. 515.

b. Igihe bwa nyuma na nyuma daniyeli yahamagazwa ngo asigure izo nzozi, niyahe nama yahaye umwami? Daniyeli 4:20-27.

"Kuri Daniyeli, insiguro y'izo nzozi yarumvikana, kandi ubwo busobanuro bwamuteyeUbwoba......Uwo muhanuzi yamenyeko Imana yamuhaye inshingano yo guhishurira Nebukadinezari ibihano vyari bigeye kumushikira kubera ubwibone bwiwe no kwishira hejuru."—Ibid., p. 51

"Daniyeli amaze kumusigurira izo nzozi nk'uko ziri, yasavye uwo mwami w'ubwibone kwihana agahindukirira Imana, ngo ahagarike ivyago vyari bigeye kuza mu gukora ibikorwa vyiza."—Ibid., p. 518.

c. Bitewe no kwigishwa binyuze mu bunararibonye bukomeye no gucishwa bugufi, nigute umwami yayoborewe guhimbaza Imana binyuze mu murimo wa Daniyeli? Daniyeli 4:34-37.

"Mu myaka indwi Nebukadinezari yatangariwe n'abantu bose, mu myaka indwi yacishirijwe bugufi imbere y'isi yose. Yongera kugarura ubwenge, maze mu kwicisha bugufi arangamiza ku Mana yo mw'ijuru, amenya ko ukuboko kw'Imana ariko kwamuhanye. Yaturiye icaha ciwe mu maso ya bose maze yemera imbabazi z'Imana mu kumusubiza uko yari ameze.

"Wa mwami yari yarigeze kuba umunyabwibone yahindutse umwana w'Imana, uwari unyagitugu akandamiza abanda, yahindutse umunyabwenge, umwami w'umunyempuhwe. uwari yarasuzuguye kandi akarogota ku Mana yo mw'ijuru, ubu ho yemeye ubutware bw'Umwami asumba bose maze ashishikarira gukangurira abantu no kurwanirira umunezero w'abo yarongora.

"Umugambi Imana yarifise w'uko ubwami bukomeye kw'isi kuruta ubundi buyiha icubahiro warasohoye. "Uku kwaturira ku mugaragaro kwa Nebukadinezari, agashingira intahe imbabazi, kugira neza n'ubutware bw'Imana kwabaye igikorwa ciwe ca nyuma co mu buzima bwiwe canditswe mu mateka yera—Ibid., pp. 520, 521.

## 4. INYANDIKO KU GISIKA

Kuwa4, Nda 8

a. Nicahe kintu cahagaritse Belushaza, umwuzukuru wa Nebukadinezari, igihe yagarariza Imana yo mw'ijuru? Daniyeli 5:1-6.

"Kubera kwemererwa ishingano zo kurongora ubwami akiri umusore, Belushaza yirase ubutware bwiwe kandi ashira umutima wiwe ngo agararize Imana yo mw'ijuru. Yari yarahawe amahirwe menshi yo kumenya ivyo Imana igomba n'ishingano yo kuyubaha. Yari yaramenye uko sekuru yari yaraciwe mu bantu kubw'itegeko ry'Imana kandi yari azi uko Nebukadinezari yahindutse akongera gukomorerwa ubwami mu buryo butangaje. Ariko belushaza yemereye urukundo rw'ibinezeza no kwishira hejuru guhanagura ivyigwa atari kwigera yibagira."—*Abahanuzi n'Abami,* pp. 522, 523.

b. Ni gute Daniyeli yongeye guhamagazwa ngo ashikirize ubutumwa bw'Imana umwami w'umupagani? Daniyeli 5:8-11.

"Umuhanuzi yabanje kwibutsa Belushaza ibintu yari amenyereye ariko bitamuhaye icigwa co kwicisha bugufi arivyo vyari kumukiza. Yavuze ivyo kugwa kwa Nebukadinezari no kugwa kwiwe n'ivyo yamukoreye: ubutware n'icubahiro yamuhaye, ibihano vy'ijuru kubera ubwibone bwiwe, n'uko yaje kwemera ububasha n'imbabazi z'Imana ya Isirayeli; maze ashize amanga kandi ashimitse yahambariye Belushaza kubw'ivyaha vyiwe bikomeye"—Ibid., p. 529.

c. Ni gute ivyo Daniyeli yavuze vyosohoye muri iryo joro? Daniyeli 5:17, 25–31.

"Igihe bari bakiri mu nzu y'ibirori, akikijwe n'abo iherezo ryabo ryari ryashizweko ikimenyetso, intumwa yamenyesheje umwami ko umurwa wiwe watewe n'abansi abo yizigira ko azonesha. Mbere n'igihe umwami n'abaganwa biwe bariko banywera mu bikombe vya Yehova, batazira ibigirwamana vyabo bikozwe mw'ifeza n'izahabu, ingabo z'abamede n'abaperesi, zimaze gukamya Efurate, bariko bagendagenda hagati mu murwa utari urinzwe. Ubu ingabo za kuro zari zihagaze musi y'ingoro y'umwami; umurwa wose wari wuzuye ingabo z'abansi, zawuzimagije nk'inzige; kandi akaruru k'intsinzi kumvikanira hejuru y'imiborogo y'abari bahoze mu birori vyo kwinezereza—Ibid., p. 531.

## 5. MU RWOBO RW'INTARE

Kuw5, Nda 9

a. Ni kuberiki ubwizigirwa bwa daniyeli bwamukwegeye guhamwa?

"Icubahiro cahawe Daniyeli catumye abakora I bwami bamugirira ishari, barondera ibirego bomurega........ Imico ya Daniyeli itagira agasembwa yatumye ishari ry'abansi biwe rirushiriza kwiyongera......

"Maze abakuru n'abatware bigira inama, barondera inzira bobicishamwo ngo baherengeteze uwo muhanuzi." —*Abahanuzi n'abami,* pp. 539, 540.

b. Niki cabaye kubwo kwanka kuva kw'izima kwa Daniyeli? Daniyeli 6:11-17.

"Naho yari azi ingaruka zo kuba umwizigirwa ku Mana kwiwe, umutima wiwe ntiwacitse intege. Imbere y'abariko bategura kumwica, ntiyigeze yemera ko bibonekana ko ubumwe bwiwe n'ijuru bwahagaze. Mu bihe vyose aho umwami yari afise uburenganzira bwo kumutegeka, Daniyeli yarumvira, ariko umwami canke itegeko ryiwe ntivyari kumutandukanya n'Umwami w'abami."—Ibid., p. 542.

c. Ariko ni gute kandi Imana yongeye guheshwa icubahiro biciye mu musavyi Wayo? Daniel 6:19–23, 27.

"Imana ntiyabujije abansi ba Daniyeli kumuterera mu rwobo rw'intare; yemeye ko abamarayika babi n'abantu b'inkozi z'ibibi bagera ku mugambi wabo; ariko kwari ukugirango ugutabarwa kw'umusavyi wabo kurushirize kugaragara no kugira ngo gutsindwa kw'abansi b'ukuri no kugororoka gushike mu buryo bwuzuye. Umunyezaburi yaragize ati: 'N'ukuri uburake bw'abantu buzogushimisha (Zaburi 76:10). Binyuze muri uyu mugabo yahisemwo gukurikiza ukuri mu gishingo co gukurikiza amategeko y'abantu, Satani yategerezwa gutsindwa, maze izina ry'Imana rigashirwa hejuru kandi rigaheshwa icubahiro."—Ibid., pp. 543, 544.

## IBIBAZO VYO KWISUZUMA KURI BURI WESE

Kuw6, Nda 10

1. Ni gute twokwigana amahitamwo y'ubwenge y'abasore bane b'abaheburayo uyu musi?
2. Ni gute guca mu bigeragezo bishobora kudutera gukomera kandi bikugura umuryango wo kubera ab'isi igishingantahe?
3. Nivyahe vyigwa umwami Nebukadinezari yize bikamutera guhinduka?
4. niki abarongozi b'uno musi bashobora kwigira ku vyabaye mw'ijoro rya nyuma rya Belushaza I Babuloni?
5. Ni gute inkuru ya Daniyeli yotera intege ubwoko bw'Imana buhura n'agahamo?



# UBWAMI BUZOZA BWAHISHUWE

**UMURONGO WO GUFATA KU MUTWE:** "Ni yo ikuranya imyanya n'ibihe; ni yo ikura abami ikimika abanda; ni yo iha abanyabwenge ubwenge, n'abakerebutse ikabaha kumenya" (Daniyeli 2:21).

**Ibitabo Vyifashishijwe:** *Abahanuzi n'abami* pp. 491–502.

"Gukomera kw''mahanga, cokimwe n'abantu ku giti cabo, ntibiva ku mahirwe canke mu bikoresho bibatera kubonekana nk'abataneshwa, ntikuva mu gukomera kwabo birata. Gusuzumirwa mu gusohozanya ubwizigirwa umugambi w'Imana. ."—*Prophets and Kings,* p. 502

## 1. INZOZI Z'INKORAMUTIMA

Kuw1, Nda 12

a. Niki Umwami Nebukadinezari yategetse amaze gukanguka avuye mu nzozi zamuteye ubwoba? Daniyeli 2:1, 2.

b. Ni gute abajenama b'umwami bamwishuye ku gisabo ciwe kitari gisanzwe? Daniel 2:3–7.

"Umwami yari azi ko namba bashobora gusigura inzozi, bari gushobora no kuzivuga. "Uhoraho mu bushobozi bwiwe yeretse Nebukadinezari izo nzozi, ariko atuma ibice vyazo vyibagirana, ariko asigaza mu bwenge bwiwe ivyamuteye ubwoba, kugira ngo ashire ahabona ubwibone bw'abanyabwenge b'Ibabuloni. ."—*The Sanctified Life,* p. 34.

c. Naho bavuga ko bafise impwemu yo kuvuga ibizoba, niki aba banyabwenge b'Ibabuloni bemeye? Daniyeli 2:8-11.

"Mu gutinya ingaruka zo gutsindwa kwabo, abo banyamareba bagerageje kwereka Umwami ko ivyo yasavye bitumvikana kandi ko birengeye ivyo abandi bantu bigeze gusabwa"—*Prophets and Kings,* p. 492.

## 2. DANIYELI AHAGOBOKA



a. Ni gute Umwami yitwaye abo banyamareba bamaze kunanirwa kumuhishurira no kumusigurira izo nzozi, kandi ni gute Daniyeli vyamukozeko? Daniyeli 2:12-16.

“Mu bariko barondezwa n’abatware bajejwe gushira mu ngiro itegeko ry’umwami, harimwo Daniyeli n’abagenzi biwe. Igihe babwirwa ko nabo bategerezwa kwicwa nk’uko itegeko ry’umwami ryavuga, Daniyeli mu bwitonzi no mu bwenge, abaza ariyoki umugabisha w’ingabo z’umwami ati: “igituma habaye icagezwe c’ikibiriraho kivuye ku mwami n’iki? Ariyoki yabwiye Daniyeli uko umwami yagaritse umutima kubw’inzozi yarose n’uko abo yizigira bananiwe kumufashe gushika ico gihe. Amaze kuvyumva, Daniyeli yemeye gushira ubuzima bwiwe mu ngorane, yiyemeza kuja imbere y’umwami maze amusaba kumuha igihe, kugira asabe Imana yiwe imuhishurire izo nzozi n’uko zisobanurwa.

“Umwami Nebukadinezari yemeye igisabo ca Daniyeli. ‘Nuko Daniyeli aja I we, abimenyesha bagenzi biwe, Hananiya, Mishayeli na Azariya. ‘bari hamwe basaba ubwenge buva kw’isoko y’umuco no kumenya. Ukwizera kwabo kwashikamye mu kuzirikana ko Imana yabashize aho bari, kandi ko bariko bakora umurimo wayo, bashira mu ngiro ivyo basabwa.”—*Prophets and Kings,* p. 493.

b. Niki dushobora kwigira ku kungene Daniyeli n’abagenzi biwe bansenze muri ico gihe? Daniyeli 2:17-23.

“Mu bihe vyo guhagarika umutima n’amakuba, Daniyeli n’abagenzi biwe bagiye basanga Imana ngo ibayobore kandi ibarinde, kandi yagiye ibiyereka ko ariyo mufasha w’ibihe vyose. Ubu n’umutima umenetse bongeye kwiyegurira Umutware w’isi, bamwinginga ngo abarokore muri ico gihe kidasanzwe bamukeneye. Kandi ntibasengeye ubusa. Imana bari barahesheje icubahiro nayo yarabuhashije. Mpwemu w’Uhoraho yabajeko, maze ‘mu nzozi zo mw’ijoro’, Daniyeli yahishuriwe inzozi z’umwami n’uko zisobanurwa.”—Ibid., pp. 493, 494.

“Abo basore bane b’abaheburayo ntibarondereye imbabazi z’Imana ubusa. Maze Daniyeli ahamagaza bagenzi biwe, maze bashimira Imana ko amasengesho yabo yumviswe kandi yishuwe, bashikanira Imana ishikanwa ry’ishimwe no gukenguruka, ryuzuye ryemewe n’Umutware w’isi. Daniyeli n’abagenzi biwe bagize ikoraniro ryo gushima, maze ijuru ryose ryifadikanya nabo mu gushima”—*The Youth’s Instructor,* November 22, 1894.

## 3. IGISHUSHANYO KIDASANZWE



a. Ni gute Daniyeli yabwiye Nebukadinezari kubijanye n’ihishurwa ry’inzozi ziwe? Daniyeli 2:24-30.

“Ni mwitegereze uwo munyagano w’umuyahudi, atuje kandi yiyumanganije imbere y’umwami w’ubwami bwari bukomeye kurusha ubundi kw’isi yose. Mu majambo yiwe yambere ntiyiheshej e icubahiro, ariko yashize hejuru Imana yo soko y’ubwenge. Umwami n’amatsiko menshi aramubaza ati: ‘Mbega urashobora kumenyesha inzozi narose, n’ingene zisobanurwa? Daniyeli yishura umwami, at’ibanga wasobanuza nta banyabwenge boshobora kurikumenyesha mwami, canke abapfumu cank’abanyamareba cank’abamenyi; ariko mw’ijuru harih’Imana ihishura amabanga, kandi ni yo yakumenyesheje ibizobaho mu bihe bizoza, mugenzi’ ”—*Abahanuzi n’Abami,* pp. 494–497.

“Iyo mbohe y’umuyuda yahagaze imbere y’umwami w’ubwami buhambaye kurusha ubundi bwose izuba ryigeze kwakira. Naho yari afise ubutunzi n’icubahiro, Nebukadinezari yari ahangayitse mu mutima, ariko iyo nyamubukira akiri muto yari atuje kandi afise umunezero mu Mana yiwe. Ico gihe, yari amahirwe kuri Daniyeli yo kwishira hejuru, akerekana uko ari inyankamugayo n’uko afise ubwenge buruta ubw’abandi. Ariko ikintu ca mbere yakoze ni ukwanka kwishirako icubahiro, maze ashira hejuru Imana nk’ayo soko y’ubwenge”—*The Youth’s Instructor,* September 1, 1903.

b. Vuga igishushanyo umwami yabonye mu nzozi ziwe. Daniyeli 2:31-33.

“Umwami yategeye amatwi ikintu cose uko casubirwamwo, maze amenya ko izo ari zo nzozi zari zamuhagaritse umutima; kandi yari yiteguye kwakira ubusobanuro nk’ubuntu agiriwe”—Ibid.

“Umwami w’abami yari agiye kumenyesha ukuri gukomeye umwami wa Babuloni. Imana yari igiye kumenyesha ko afise ububasha ku bwami bw’isi, ariyo ishira abami ku ngoma no kubakura ku ngoma. Ubwenge bwa Nebukadinezari bwategerezwa gukangurwa, namba bishoboka, ngo amenye inshingano ziwe ku Mana.Ivyari bigeye kuba mu bihe bizoza, gushika kw’iherezo ry’ibihe, vyari bigeye kumushirwa imbere”—*Abahanuzi n’Abami,* p. 498.

c. Niki cabaye ku gishushanyo igihe umwami yacitegereza? Daniyeli 2:34, 35.

## 4. INZOZI ZISOBANURWA

Kuw4, Nda 15

a. Ni ubwahe bwari ubusobanuro bw'umutwe ukozwe mw'izahabu? Daniyeli 2 :26-38.

"Ku ngoma ya Nebukadinezari, Babuloni bwari ubwami butunze cane kandi bukomeye kurusha ubundi kw'isi yose. Ubutunzi n'ubwiza bwayo bwasobanuwe mu buryo bworoheje n'ubuhanuzi"—*The Youth's Instructor,* September 29, 1903.

b. Ni ubwahe bwami bwasobanurwa n'ivyuma bikurikira? Daniyeli 2:39,40.

"Ubuhanuzi bwerekanye gukura no gutera imbere kw'ubwami buhambaye bwo kw'isi aribwo babuloni, abamedi n'abaperesi, ubugiriki na roma"—*Abahanuzi n'Abami,* p. 535.

"Daniyeli yamenyesheje Nebukadinezari ko ubwami bwiwe bwari bugiye guhinduka. Ubukuru n'ububasha mw'isi y'Imana vyari bifise igihe cavyo, maze hakaza ubwami bwa kabiri, nabwo bugahabwa igihe co gusuzumwa namba bwari gushira hejuru Umutware umwe, Imana imwe rudende y'ukuri. Buramutse nabwo butabikoze, icubahiro cabwo cari gukamana, maze ubwami bugira gatatu bukabusubirira. Kubwo kumvira canke kutumvira, nabwo bwari kurangira, maze ubwami bwa kane bukomeye nk'icuma, bwari kunesha amahanga yo kw'isi. Ibi vyahanuwe n'Uhoraho, vyanditswe mu mpapuro z'ubuhanuzi no mu mateka, kugira ngo bigaragaze ko Imana ifise ububasha mu vy'isi. Niyo ihindura ibihe n'imyaka, igakura abami, igashiraho abanda, kugira ngo umugambi wayo usohore"—*The Youth's Instructor,* September 29, 1903.

"Babuloni yarahangutse kuko mu kumererwa neza kwayo yataye Imana, kandi ukumererwa neza kwayo yavyiyitiriye nk'ivyakozwe n'abantu.

"Ubwami bw'abamedi n'abaperesi bwahuye n'uburake bw'Imana kuko bwaranzwe no guhonyanga amategeko y'Imana. Kwubaha Imana ntivyigeze bibonekana mu mitima y'abantu. Ubwami bw'abamedi n'abaperesi bwaranzwe no kugira nabi, kurogota ku Mana no kwononekara.

"Ubwami bwakurikiye bwabaye bubi kurushiriza kandi burononekara. Bwarushirije gusubira inyuma kuko bwitandukanije n'Imana.Igihe bibagira Imana, barushirije gusubira kugwa hasi mu mico itunganye"—Ibid., September 22, 1903.

c. Ni gute ubwami bwagereranywa n'ibirenge n'amano bwari bwihariye? Daniyeli 2 :41-43.

"Igihe turimwo mu gishushanyo ca Nebukadinezari kigereranywa n'ubwami bwo ku mano, bwacitsemwo ibice, ayo mano akozwe mu vyuma vyoroshe bitazokwigera bifatana."—*Tes- timonies for the Church,* vol. 1, p. 361.

## 5. UBWAMI BW'IMANA BUTAZOHANGURA

Kuw5, Nda 16

a. Ni ubwahe bwami buzoshira kw'iherezo uburyo bwose bw'ubutware bw'isi? Daniyeli 2:44,45.

"Inzozi z'igishushanyo gikomeye, zeretse Nebukadinezari ibizoba gushika kw'iherezo ry'ibihe, zatanzwe kugira ngo atahure ko yategerezwa kugira uruhara mu mateka y'isi, n'isano ubwami bwiwe bwategerezwa kugirana n'ubwami bw'ijuru. Mu gusobanurirwa izo nzozi, yari yarigishijwe neza ku bijanye no kubaka ubwami bw'Imana buzohoraho"—*Prophets and Kings,* p. 503.

b. Ni ryari ubwami bw'Imana bw'ubwiza buzotangura? Yohana 18:36; Matayo 25:31-34; 26:64; Ivyahishuwe 6:15-17.

"Ubwami bwacu si ubw'iyi si. Dutegereje Umwami wacu wo mw'ijuru kuza kw'isi gusangangura ubutware n'ububasha bwose, maze yimike ubwami bwiwe buhoraho. Ubuhanuzi butwereka ko umusi ukomeye uri hafi. Urihuta bikomeye."—*Testimonies for the Church,* vol. 1, pp. 360, 361.

c. Ni gute umwami yitwaye inyuma yuko Daniyeli ashoboye kumusobanurira inzozi ziwe? Daniyeli 2:46-49.

"Gusobanura izi nzozi kwa Daniyeli vyatumye umwami amuha icubahiro n'agaciro we n'abagenzi biwe. Incuti zitatu za Daniyeli zagizwe abajenama, abacamanza n'abatware mu gihugu. Aba bagabo ntibishize hejuru ngo bihayagize, ariko babonye banezerwa ko Imana yamenyekanye hejuru y'abami b'isi, kandi ko ubwami bwayo bwashizwe hejuru y'ubwami bwose bwo kw'isi"—*The Youth's Instructor,* September 8, 1903.

## IBIBAZO VYO KWISUZUMA KURI BURI WESE

Kuwa6, Nda 17

1. Niki umwami Nebukadinezari yamenye ku banyabwenge biwe yizera?
2. Niki bisobanura kuba isengesho ryo gushima ryaranditswe, ariko atari isengesho ryiwe ryo gusaba?
3. Naho ariwe yari incabwenge kurusha abanda I Babuloni, niyahe nyifato Daniyeli yari afise?
4. Vuga imico y'ubwami bugereranywa n'ivyuma vyihindagura.
5. Ni ryari igice c'inzozi kijanye n'ibuye kizosohora?

# INZOZI ZA MBERE ZA DANIYELI

**UMURONGO WO GUFATA KU MUTWE:** "Maze nitegereje mbona iryo hembe rirwanya abera, rirabanesha, gushitsa Uwa mbere na mbere aje, atsindishiriza abera b'Isumba vyose; nukw igihe kirashika, abera begukira ubgami." (Daniyeli 7:21, 22).

**Ibitabo Vyifashishijwe:** *Intambara ihambaye,* pp. 479–491;
*Inyandiko za kera,* pp. 54–56.

"Uko twegereza iherezo ry'amateka y'isi, ubuhanuzi bwavuzwe na Daniyeli bukwiye kwitabwaho bidasanzwe, kuko buvuga igihe tubayemwo"—*Abahanuzi n'Abami,* p. 547.

## 1. IMIYAGA INE, IBIKOKO BINE

Kuw1, Nda 19

a. Ni ryari Daniyeli yakiriye iyerekwa rya mbere ry'ubuhanuzi, kandi ni gute yaryakiriye? Daniyeli 7:1,15,16 (ahatangura).

"Bidatevye imbere y'ukugwa kwa Babuloni, igihe Daniyeli yariko yiyumvira kuri ubu buhanuzi kandi arondera Imana ngo imutahuze ivy'ibi bihe, yahawe urukurikirane rw'amayerekwa ruvuga ivy'ugukura no kugwa kw'ubwami. Mw'iyerekwa rya mbere, nk'uko vyanditswe mu gice ca ndwi c'igitabo ca Daniyeli, hatanzwe ubusobanuro, ariko umuhanuzi ntiyashoboye kubitahura vyose neza"—*Abahanuzi n'Abami,* p. 553.

b. Niki ibidukikije bisanzwe vyagereranya? Daniyeli 7:2; Ivyahishuwe 17:15; Yeremiya 25:31-33.

c. Ni gute umumarayika yahaye daniyeli ubusobanuro bw'ibikoko bine vyiburutse biva mu mazi? Daniyeli 7:3,16 (ahahereza), 17.

"Ubwami buhambaye bwagiye buganza isi bwahishuriwe umuhanuzi Daniyeli nk'ibikoko biryana"—*Intambara ihambaye,* pp. 439, 440.

## 2. UBWAMI BUKURIKIRANA

Kuw2, Nda 20

a. Igikoko ca mbere cari ikihe kandi cagereranya ubuhe bwami? Daniyeli 7:4; Yeremiya 50:17; Habakuki 1:6–8.

"Babuloni ntiyasohoje umugambi w'Imana; igihe cayo carageze, maze ubu bwami bw'ubwibone n'ububasha, buyobowe n'abanyabwenge bakomeye, bwarasenyutse, burasanzara bucika integer. Kristo yagize ati: 'ntaco mwoshobora gukora mutamfise'. Abanyapolitike b'ikirenga b'i Babuloni ntibiyumviriye ko bakeneye Imana. Biyumviriye ko ubukuru bwabo n'icubahiro aribo bavyubatse. Ariko igihe Imana yavuga, babaye nk'uko ivyatsi vyuma, nk'uko amashurwe akabirana. Ijambo n'ubugombe vy'Imana nivyo bihoraho ibihe vyose"— *The Youth's Instructor,* September 29, 1903.

b. Igikoko ca kabiri cari kimeze gute kandi cagereranya ubuhe bwami? Daniyeli 7 :5.

"Ihanga ryose ryagera ku butware ryemererwa kugira ikibanza kw'isi, kugira risuzumwe namba rizosohoza umugambi 'ry'Umurinzi, Uwera'. Ubuhanuzi bwarerekanye ukuzamuka no kugwa kw'ubwami bukomeye kw'isi: Babuloni, Ubumedi n'ubuperesi, ubugiriki hamwe n'uburoma. Nk'uko vyagendekeye ayandi mahanga atagira ubu basha, no kuri ubu bwami amateka yagiye yisubiriza. Ubwami bwose bwagiye bugira igihe c'igeragezwa, buri bwami bwarananirwa, icubahiro cabwo kigakamangana, bukakwa ububasha, hanyuma bugasubirirwa n'ubundi bwami.

"Igihe amahanga yasuzugura amategeko y'Imana kandi akaba ari vyo bibakwegera guhona, vyaguma bigaragara ko umugambi w'Imana w'ikirenga ariwo wakorera muri iryo hindagurika"—*Education,* pp. 176, 177.

c. Nibihe bintu bidasanzwe vyaranze igikoko ca gatatu, cagereranya ubwami bw'abagiriki? Daniyeli 7:6.

"Iyo ubu bwami buza kubandanya bwubaha Imana, bwari guhabwa ubwenge n'ububasha, bigatuma bukomera ntibusanzare. Ariko abatwara ubu bwami bw'isi bagira Imana inkomezi zabo gusa igihe bari mu ngorane no mu ruhagarara. Niho baca bahatirwa gusanga abamurikiwe n'umuco mvajuru, ngo babasobanurire amabanga badashobora gutahura"—*The Youth's Instructor,* September 29, 1903.

## 3. ROMA, UBWAMI BWA KANE



a. Niki catumye igikoko ca kane kigorana kuvuga uko kimeze mu buryo busanzwe? Daniyeli 7:7.

Mpwemu Yera agereranya ubwami bw'isi n'ibikoko vy'inkazi, ariko Kristo agereranywa n'Umwagazi w'intama w'Imana akuraho ivyaha vy'abari mw'isi. (yohana 1:29). Mu mugambi wayo w'ubutware, nta gukoresha inguvu nk'izi bikoko ngo yemeze umutimanama"—*Imigani ya Kristo,* p. 77.

"Ico gihe umusaraba werekana ububasha bwa Roma. Wari igikoresho giteye ubwoba c'urupfu no gucisha bugufi abantu. Abagizi ba nabi basuzuguritse bategerezwa kwikorera umusaraba bakawujana aho bategerezwa kwicirwa; kandi igihe bawubakorera, bakora uko bashoboye ngo bawanke, bikaba inyanduruko yo gutotezwa no kugirirwa nabi"— *Uwipfuzwa ibihe vyose,* pp. 416, 417.

b. Niki cabonekanye mu mahembe y'igikoko ca kane? Daniyeli 7:8.

"Mu kinjana ca gatandatu, ubupapa bwari bwaramaze gukomera. Icicaro cabwo gikuru cari mu murwa mukuru w'ubwami bw'abaroma, rero abantu babwirwa ko Papa ariwe mukuru w'ishengero ryose. Ubupagani bwari bwaramaze gusubiririrwa n'ubwo bupapa. Igisato cari camaze guha 'ca gikoko ububasha bwaco, no kuja ku ngoma yaco, n'ubutware (Ivyahishuwe 13:2). Niho hatangura agahamo k'ubupapa k'imyaka 1260 nk'uko kari karavuzwe n'ubuhanuzi bwa Daniyeli n'ubwo mu vyahishuwe (Daniyeli 7:25; Ivyahishuwe 13:5-7). Abakristo bategerewa kureka ubunyankamugayo bwabo maze bakemera gukurikiza imigirwa n'uburyo bwo gusenga bwashinzwe n'ubupapa, canke guhitamwo ubuzima bwabo bukazoherera mu mabohero y'I musozi, guturirwa, gutanyurwa n'ibiti bababoherako no gucibwa imitwe. Niho rero amajambo ya Kristo ngo 'ariko muzoshengezwa n'abavyeyi banyu nabo, na bene nyoko n'incuti n'abakunzi, bamwe muri mwebwe bazobicisha. Muzoba mwanswe na bose babahora izina ryanje (Luka 21:16,17), yasohora. Abizera bahuye n'agahamo gakaze katari karigeze kubaho, maze isi ihinduka ikibanza c'intambara. Abagize ishengero rya Kristo bamaze imyaka amajana binyegeje. Umuhanuzi aragira ati: 'Umugore ahungira mu bugaragwa, ah'afise ahantu yateguriwe n'Imana, kugira ngo bamugaburirireyo imisi igihumbi n'amajana abiri na mirongwitandatu."—*Intambara ikomeye,* pp. 54, 55.

c. Niki Daniyeli yipfuje kumenya amaze kwerekwa ivyo bintu? Daniyeli 7:19, 20.

## 4. AGAHEMBE GATO



a. Niki umumarayika yasobanuye ku gikoko ca kane giteye ubwoba, cagereranya ingoma y'abaroma? Daniyeli 7:23.

b. Niki cahishuwe ku gahembe gato? Daniyeli 7:24.

"Ubwami bwa Roma bwarahomvoguritse, maze mu bisigarira vyabwo haje kuvukamwo ububasha bukomeye, Ekeleziya gatolika ya Roma. Iyi Ekeleziya yirata ko itihenda bivanye naho idini yabo yakomotse. Ariko iri dini riteye ubwoba ku bantu bazi amabanga y'ibigabitanyo binyegejwe. Abasaserodoti b'iri dini bashikama ku butware bwabo bagatuma abantu baguma mu butamenya, ntibamenye ubugombe bw'Imana, nk'uko bwahishuwe mu vyanditswe vyera"—*The Youth's Instructor,* September 22, 1903.

c. Ni bande aka gahembe gato n'uburake bwinshi kari kurwanya? Daniyeli 7:21,25.

"Kuja ku butegetsi bw'ishengero ry'I Roma kwabaye intango y'ibihe vy'umwiza. Uko ububasha bw'iryo shengero bwiyongera, niko hacura umwiza urushirije. Abantu barekeshejwe kwizere Kristo, we mushinge nyakuri, basigara bizera Papa. Mu gishingo co kwizera umwana w'Imana ngo abaharire ivyaha ngo abahe agakiza gahoraho, abantu bahanga amaso Papa, abepisikopi n'abapatiri yashizeho ngo bamuhagararire. Bigishijwe ko Papa ariho kw'isi nk'umuhuza wabo n'Imana, kandi ko ntawoshika ku Mana adaciye kuri we, vyongeye kandi yari abahagarariye nk'Imana, kubw'ivyo yategerezwa kwumvirwa. Kudakurikiza amategeko ya Papa yari inyanduruko yo gutuma ababikoze bahabwa ibihano bibabaza umubiri n'ubwenge. Kubw'ivyo, abantu babujijwe guhanga amaso Imana, bayahanga abantu bihenda, bazimira kandi b'abagome, ikigeretseko, bayahanga Umutware w'umwiza yabakoreramwo. Icaha ciyoberaniye mu mwambaro w'ubweranda. When the Scriptures are suppressed, and man comes to regard himself as supreme, we need look only for fraud, deception, and debasing iniquity. Gushira hejuru amategeko n'imigenzo vy'abantu vyagaragaje kwononekara guterwa no gushira I ruhande amategeko y'Imana.

"Iyo misi cari igihe c'akaga kw'ishengero ry'Imana. Abari bahagaze bashikamye ku kuri badahobahoba ata nkeka bari bake. Naho ukuri kutabura abagushingira intahe, hari ibihe vyasa naho ikinyoma n'imigenzo y'abantu bisa n'ibigiye kukuzimanganya burundu, ndetse no gusenga Imana vy'ukuri bigakamangana kw'isi. Ubutumwa bwiza bwari bwaribagiranye, yamara imigenzo y'idini yo yaragwira, abantu bari basigaye bavunwa n'ibintu bikomeye basabwa gukora"—*Intambara ikomeye,* p. 55.

## 5. URUBANZA

Kuw5, Nda 23

a. Daniel 7:26. Niki cari gutuma ubutware bw'agahembe gato bushika kw'iherezo? Daniyeli 7:26.

"Amezi mirongo ine n'abiri n'ico kimwe 'n'igihe n'ibihe n'igice c'ibihe', imyaka itatu n'igice, canke imisi 1260, ivugwa muri Daniyeli 7, arico gihe ubupapa bwari gutoteza ubwoko bw'Imana. Iki gihe catanguranye n'ubutware bw'ubupapa muri 538 AD maze gisozera mu 1798. Ico gihe ubupapa bwafashwe mpiri n'ingabo z'ubufaransa, niho ubupapa bwahura n'uruguma bwobwishe, maze hasohora bwa buhanuzi ngo, 'uwufata mpiri nawe azofatwa mpiri.'"—*Intambara ikomeye,* p. 439.

b. Isasa ry'urubanza ryasobanuwe gute? Daniyeli 7:9, 10, 13.

"Ukuza kwa Kristo kuvugwa hano si ukugaruka hano kw'isi. Aza ari uwa mbere na mbere mw'ijuru ngo ahabwe ubutware, icubahiro n'ubwami, arivyo azohabwa amaze kurangiza umurimo wiwe nk'umuhuza"— Ibid., p. 480.

c. Niki urwo rubanza rwari rugendereye? Daniyeli7:11, 14, 18, 22, 26, 27.

"Umugambi ukomeye w'inama y'agakiza ugarura isi mu buryo bwuzuye, maze yongera guhuzwa n'Imana. Ivyari vyarazimiye vyose kubera icaha vyongeye kugarurwa. Si umuntu gusa yacunguwe, ariko kandi n'isi yaracunguwe kugira ngo abubaha baze bayibeko ibihe bidashira. Satani yarwanye intambara imyaka ibihumbi bitandatu kugira ngo agumize isi mu biganza vyayo. Ubu rero umugambi Imana yari ifise mw'iremwa urasohozwa. 'Arikw'abera b'Isumba vyose bazohabwa ubwo bwami, kand'ubwo bwami bazobwegukira buhore ar'ubwabo gushitsa ibihe bitazoshira.' Daniyeli 7:18*, Abakurambere n'abahanuzi,* p. 342.

## IBIBAZO VYO KWISUZUMA KURI BURI WESE

Kuw6, Nda 24

1. Sobanura ibikoko bine Daniyeli yabonye vyiburuka biva mu kiyaga
2. Vuga ubwami ivyo bikoko vyagereranya, n'ingene ivyabiranga vyasohoye
3. Niki catandukanije ubutware bw'agambe gato n'ubundi butware bwerekanywe?
4. Nibiki bihambaye ako gahembe gato kavuga?
5. Ninde urubanza ruzoha kuganza isi kandi ryari?

## Amashikanwa y'isabato ya mbere

**Rusama 2, 2026**



### Ni ay'ama misiyoni yo kw'isi

Munama ya 24 ya Generali konferansi, hari abari bahagarariye ama misiyoni mashasha aheruka kugururwa. Turanezerewe vy'imvamutima kuko igikorwa co gutangaza ukuri kw'iki gihe, kandi twiteze ko hazugururwa n'izindi nyinshi, kuko isi igiye kumurikirishirizwa n'ubwiza bw'Imana.

Hariho inzira nyinshi zo gukorera hamwe muri iki gikorwa gitangaje co gukiza imitima mu bibanza bishasha. "Umuntu wese azokwambaza izina ry'Uhoraho azokizwa. None bazokwambaza bate uwo batarizera? Kandi bazokwizera bate uwo batarumva? Kandi bazokwumva bate, atawabasiguriye ivyiwe? Kandi bazosigura ivyiwe bate, batatumwe?" (Roma 10:13–15, ahatangura). Abakozi n'abashigikirisha igikorwa uburyo baritanga mu buryo butandukanye ngo bagarure intama zazimiye.

"Iyaba abantu bose bo mu nzego zacu bari bazi uko vyari bigoye mu myaka irenganye gutanguza umurimo mu bibanza uno musi bikomeye, botahuye ko bisaba ubutwari mu guhangana n'ivyaboneka ko bidashoboka no kuvuga twerekeje ibiganza mw'ijuru duti: 'ntituzonanirwa canke ngo ducike intege'. Abatigeze batangura igikorwa ahantu hashasha kandi hagoye, ntibatahura ingorane zo gutangura igikorwa. Iyaba bashobora gutahura ivyo Imana yakoze, ntibonezerewe kubera ivyakozwe, ariko bokwishimiye igikorwa co muri kazoza.

"Benedata, nta mpamvu yo gucika intege. Imbuto nziza ziriko zirabibwa. Imana izozirinda, itume zimera zongere zizane umwimbu ushimishije. Mwibuke ko vyakozwe vyinshi vyo gukiza imitima, mu ntango vyahuye n'ingorane nyinshi"—*Testimonies for the Church,* vol. 7, p. 242.

"Ifaranga ryose dufise ni iry'Imana. Aho kurisesagurira mu bintu bitari ngombwe, dukwiye kurikoresha mu murimo w'ivugabutumwa.

"Uko ama misiyoni mashasha yugururwa, niko n'uburyo bukenewe bwiyongera"—*Historical Sketches,* p. 293.

Kubw'ivyo, amashikanwa y'Isabato ya mbere y'uyu musi azotororokanirizwa ama misiyoni yo hirya no hino kw'isi, ariyo kigega gikenewe cane uno musi. Imana ihezagire umuntu wese azotangana umutima w'ubwitange no kwizera kandi umwe wese imusubirize aho yakuye.

*Beneso bo mu cicaro gikuru (GC)*

# IKURAKURANWA RY'UBWAMI

**UMURONGO WO GUFATA KU MUTWE:** "Kand'ivyerekanywe vy'ubwira bugaca vy'iyo misi vyavuzwe, n'ivy'ukuri; arik'ugumize ivyo weretswe muri ntibate, kukw'ar'ibizoba hahise igihe kirekire" (Daniyeli 8:26).

**Ibitabo Vyifashishijwe:** *Intambara ikomeye*, pp. 423–432.

"Ubwami bwose bwagiye bugira igihe c'igeragezwa, buri bwami bwarananirwa, icubahiro cabwo kigakamangana, bukakwa ububasha."—Abakurambere n'abahanuzi*,* p. 535.

## 1. IMPFIZI Y'INTAMA IBA AGAHAMBAYE

Kuw1, Nda 26

a. Ubwami bwa Babuloni buri hafi gusozera, niki Daniyeli yabonye? Daniyeli 8:1,2.

b. Sobanura uko igikoko ca mbere caje kimeze maze kigahinduka igihambaye. Daniyeli 8:3,4.

c. Ni gute umumarayika yasiguriye Daniyeli impfizi y'intama yari yabonye? Daniyeli 8:19,20.

"Mu vyo uwo muhanuzi yeretswe, yabonye Imana ikuraho umutware umwe maze yimika uwundi. Igaragara nk'umutware w'isi, iri hafi yo kwimika ubwami bwayo buhoraho, Uwa mbere na mbere, Imana nzima, Soko y'ubwenge bwose, aganza muri ibi bihe kandi agahishura na kazoza"—*The SDA Bible Commentary* [E. G. White Comments], vol. 4, p. 1166.

"Ku kwimikwa no guhanguka kw'amahanga nk'uko vyavuzwe neza mu gitabo ca Daniyeli n'ivyahishuwe, dukeneye kwiga uburyo icubahiro c'isi n'ibibonekera inyuma nta gaciro bifise. Mbega ingene Babuloni n'imbaraga n'ubwiza bwayo isi turimwo itigeze kubona yasangangutse (abantu babona Imbaraga n'ubwiza bwa Babuloni bihangamye bizokwamaho) ariko yayotse nk'amashurwe y'ivyatsi. Ninako ubwami bw'Abamedi n'abaperesi, ubw'abagiriki na Roma bwahangutse. Ninako kandi ubwami butubakiye ku Mana nk'umushinge buhanguka"—*Abahanuzi n'abami,* p. 548.

## 2. IMPFIZI Y'IMPENE IHAMBAYE

Kuw2, Nda 27

a. Ni ubwahe bundi bubasha bwaje kurwanya ubumedi n'ubuperesi? Daniyeli8:5, 21.

b. Sobaura ububasha bwo kuganza uyu mwami w'ubwami bushasha yari afise. Daniyeli8:6, 7.

"Ubu basha bwose umutware akoresha kw'isi butangwa n'Imana, kandi intsinzi yiwe ishimikiye ku kungene akoresha ubwo bubasha yahawe. Buri wese umurinzi amubwira iri jambo ngo: 'nzogukenyeza nah'utigeze kummenya.' (Yesaya 45:5). Kandi buri wese amajambo yabwiwe Nebukadinezari wa kera ategerezwa kubera icigwa ca buri musi: 'Reka ivyaha vyawe ukore ibigororotse, kand'ureke ibigabitanyo vyawe ugirire akagongwe impahazwa; kugira ngo kumbure kuroranirwa kwawe kube kuramaze kabiri.' (Daniyeli 4:27). "Kugira ngo utahure ivyo bintu, utahure ko ubugororotsi bushira hejuru ihanga, ko ingoma ikomezwa n'ubugororotsi, kandi ko ingoma ihangamishwa n'ubugororotsi (Imigani 14:34; 16:12; 20:28); Kugira ngo amenye uko izi ngingo ngenderwako ziranguka mu kwigaragaza kw'ububasha bw'imwe 'ikura abami, ikimika abanda (Daniyeli 2:21); aha niho ubwenge buri bwo gutahura amateka.
"Mw'ijambo ry'Imana niho honyene ibi bisobanurwa mu buryo butomoye. Hano bibonekana ko gukomera kw''mahanga, cokimwe n'abantu ku giti cabo, ntibiva ku mahirwe canke mu bikoresho bibatera kubonekana nk'abataneshwa, ntikuva mu gukomera kwabo birata. Gusuzumirwa mu gusohozanya ubwizigirwa umugambi w'Imana."—*Education,* pp. 174, 175.

c. Nibiki vyashikiye ubwami bw'abagiriki igihe bwari bumaze gukomera ku nganji ya Alegizanderi Mukuru? Daniyeli 8:8,22.

"Umunyabwenge aragira ati:" Uteba kuraka aruta umunyenkomezi, kandi uganza umutima wiwe aruta unesheje igisagara (imigani 16:32). Umugabo canke umugore azigama ubwenge bwiwe igihe ageragejwe no kwinezereza mu vyipfuzo vyiwe, mu maso h'Imana n'imbere y'abamarayika bo mw'ijuru aba ari uwo hejuru kuruta umugabisha w'ingabo yubatse izina yigeze kuyobra urugamba akagera no kuntsinzi. Umwami umwe igihe yari ku buriri bwiwe ari hafi yo gupfa, yaragize ati: "Mu ntsinzi zose hariho imwe gusa impumuriza, iyo nta yindi n'igihe nashobora gutsinda uburake bwanje. Alegizanderi na Kayisari vyaboroheye kwigarurira isi kuruta kwiyigarurira ubwabo. Bamaze kwigarurira igihugu ku kindi, baraguye, umwe yazize kutirinda, uwundi afatwa n'ibisazi"—*Child Guidance,* pp. 95, 96.

## 3. “BUKOMEYE CANE”



a. N’ubwahe bubasha bushasha buvugwa nk’ubwagomba kwigarurira ubwami bw’ubugiriki bwari bwacitsemwo ibice? Daniyeli 8:9,23

b. Sobanura ibikorwa vy’uburoma bwa gipagani n’ubw’ubupapa Daniyeli yabonye mw’iyerekwa. Daniyeli 8:10-12,24.

“Ubupapa bwari bwarigaruriye ubutware bw’isi. Abami n’abami b’abami bunamira amategeko ya Papa w’I Roma. Imibereho y’abantu, haba iy’ico gihe canke iyo muri kazoza, vyasa n’ibiri musi y’uburongozi bwiwe. Ariko icari umutaga ku bupapa yari ijoro ricuze umziza ku b’isi. Mu binjana vyinshi Uburaya ntibwari bwarateye imbere mu kwiga, ubugenegene canke umuco. Ubuhumyi mu nyifato no mu bwenge vyari vyaraguye mw’idini ya gikristo”—*Intambara ikomeye,* p. 60.

“Nk’uko vyari vyaravuzwe n’ubuhanuzi, ubutware bw’ubupapa bwari bwarasiribangiye ukuri hasi. Ivyagezwe vy’Imana vyari vyarahonyangiwe mu mukungugu, mu gihe imco n’imigenzo vy’abantu vyari vyarashizwe hejuru. Amashengero yari musi y’uburongozi bw’ubupapa bwa mbere yahatirwa kwubahiriza umusi wa mbere nk’umusi wera. Muri ayo makosa n’ibinyoma, benshi, mbere n’abari ubwoko nyakuri bw’Imana, vyarabayobeye kuko n’igihe baruhuka isabato, no ku musi wa mbere nta gikorwa bakora. Ariko abayobozi b’ubupapa ibi ntivyabanyuze. Ntibategetse gusa ko dimanshe yubahirizwa, ariko basavye ko isabato iteshwa agaciro, kandi barwanya mu mvugo ikomeye abubahuka kuyubahiriza. Abahunga uburoma bonyene nibo bashobora kwumvira ivyagezwe vy’Imana mu mahoro”—Ibid., p. 65.

c. Naho bwakoresha ubuhinga bw’amayeri, nigute ubu bwami bwari gushirwa kw’iherezo? Daniyeli 8:25.

“Hagati y’umwiza wari wagwiriye isi mu gihe kirekire c’ubupapa, umuco w’ukuri ntawashoboye kuzimangana rwose. Mu bihe vyose hari ivyabona vy’Imana, abantu bazigamye ukwizera Kristo bamufata nk’umuhuza umwe rudende w’abantu n’Imana, Bibiliya bakayifata nk’umuyobozi w’ubuzima, kandi bubahiriza isabato y’ukuri. Isi irimwo umwenda abo bantu, abo mu runganwe ruzoza batazigera bamenya. Bavugwa nk’abahakanyi, imigambi yabo irankwa, imico yabo ivugwa nabi, inyandiko zabo zirahagarikwa, zisigurwa nabi ahandi zigafatwa nabi. Ariko bahagaze bashikamye, uko ibihe vyakuranwa, bazigama ukwizera mu kwera kwakwo, nk’iragi ryera ribikiwe abo muri kazoza.”—Ibid., p. 61.

## 4. IMISI 2300



a. Niki Daniyeli yumvise kijanye n’ivyari bikubiye mu bihe vy’amayerekwa, kandi kw’iherezo ry’ico gihe niki cari kuba? Daniyeli 8:13,14.

b. Niki cagereranijwe no guhumanura ahera, nk’uko vyasiguwe mu mategeko y’imihango, kandi Daniyeli akakibwirwa mw’iyerekwa. Abalewi 23:27–32; 16:33, 34.

“Muri gahunda isanzwe, vyari igitutu c’ikimazi n’ubuherezi bwa Kristo, guhumanura ahera nico gikorwa ca nyuma cakorwa n’umuherezi mukuru mu gihe c’umurimo w’umwaka. Cari igikorwa gisozera c’impongano, kugira ngo ivyaha bikurwe muri Isirayeli.Vyagereranya isozerwa ry’umurimo w’umuherezi wacu Mukuru, mu gukura canke guhanagura ivyaha ku bwoko bwiwe, vyanditswe mu bitabo vyo mw’ijuru”—*Intambara ikomeye,* p. 352.

“Nk’uko mu bihe vya kera ivyaha vy’abantu kubwo kwizera vyashirwa ku kimazi c’ivyaha, maze biciye mu maraso yaco bikajanwa mw’ihema ryo kw’isi mu kigeraranyo, ni nako mw’isezerano risha ivyaha vy’uwihana kubwo kwizera bigerekwa kuri Kristo maze bikajanwa mw’ihema ryo mw’ijuru. Kandi nk’uko guhumanura ahera ho mw’isi vyakorwa mu gukura ivyaha vyaba vyahahumanije, ninako no mw’ijuru hategerezwa guhumanurwa mu guhanagura ivyaha vyanditsweyo. Ariko imbere y’uko ivyo bikorwa, ibitabo vyanditswemwo bitegerezwa kubanza gusuzumwa, kugira harabwe ababereye impongano ya Kristo biciye mu kwihana ivyaha no kumwizera. Kubw’ivyo mu gikorwa co guhumanura hakubiyemwo igikorwa c’igenzura, arico gikorwa c’urubanza. iki gikorwa gitegerezwa gukorwa imbere yuko Kristo aza gucungura abantu biwe, kuko niyaza, azoza azanye ingero, ngo agerere umuntu wese ibikwiranye n’ivyo yakoze. ivyahishuwe 22:12.”—Ibid., pp. 421, 422.

c. Niki umumarayika yavuze kubijanye n’ubuhanuzi bw’imisi 2300? Daniyeli 8:26 (gereranya n’umurongo wa 14, ahahereza)

## 5. IYEREKWA RYATAHUWE IGICE

Kuw5, Nda 30

a. Niki umumarayika Gaburiyeli yategetswe gukorera Daniyeli? daniyeli 8 :155-18.

“Ni Gaburiyeli, uwukurikira Umwana w’Imana, yazaniye Daniyeli ubutumwa bw’ijuru. Gaburiyeli ‘umurayika wayo’, niwe Kristo yarungitse ngo ahishurire umukundwa Yohana, n’imigisha ihabwa abasoma n’amajambo y’ubuhanuzi bakitondera ivyanditswe muriyo. Ivyahishuwe 1:3”—*Uwipfuzwa ibihe vyose,* p. 234.

b. Naho yahawe ubusobanuro bwimbitse bwiyongera ku bindi yari yabwiwe, ni gute Daniyeli yitwaye amaze kwuba ivy’ubuhanuzi bw’imisi 2300? Daniyeli 8:27.

“Biciye mu rindi yerekwa, umuco wongeye gutangwa ku bihe vyo muri kazoza; maze kw’iherezo ry’iryo yerekwa niho Daniyeli yumva ‘uwera avuga, kand’uwundi mu bera abaza umwe yabanje kuvuga, ati Bizogeza ryari ivyerekanywe? (Daniyeli 8:13). Kandi inyishu ngo, ‘Buzokwira buce imisi 2300; niho ahantu hera hazobona guhumanuka’ (Umurongo wa 14), yamuteye kwibaza vyinshi. Yarondeye cane kumenya ubusobanuro bw’ivyo yeretswe. ntiyashobora gutahura aho bihuriye n’imyaka 70 y’ubunyage, nk’uko vyari vyarahanuwe na Yeremiya, ngo abihuze n’imisi 2300yari yumviye mw’iyerekwa uwari yamugendereye avuye mw’ijuru yategerezwa kurangira imbere y’uko ahera h’Imana hahumanurwa. Marayika Gaburiyeli yamuhaye ubusobanuro butuzuye; ariko igihe umuhanuzi yumva ayo majambo, ‘Ngo ivy’ivyerekanywe bizoba hahise igihe kirekire,’yacitse intege. ‘Maze jewe Daniyeli nca ncika intege,’ niko avuga ivyamushikiye, ‘mmara imisi ndwaye; hanyuma mva hasi, nkora ibikorwa vy’umwami; ntangazwa n’ivyo neretswe, kandi ntawobitahura.’ imirongo 26, 27.”— *Prophets and Kings,* p. 554.

## IBIBAZO VYO KWISUZUMA KURI BURI WESE

Kuw6, Rus 1

1. Ni izihe mpamvu zikunze gutuma ubwami bukomeye kw’isi bwigarurira ibihugu?
2. Ni iyahe nenge yo kudakosorwa yatumye ihembe ry’impizi y’impene rikondoka?
3. Ni gute ingingo za Roma ya gipagani n’iya gikristo zari zisa?
4. Niki categerezwa kuba imisi 2300 imaze kurangira?
5. Nicahe gice c’iyerekwa cayobeye Daniyeli igihe yacika intege?



# UBUSOBANURO BW’IYEREKWA

**UMURONGO WO GUFATA KU MUTWE:** “N’ukumenye utahure, y’ukuhereye igihe icagezwe kizoshingirwa co kuvyura no kwubaka Yerusalemu gushitsa kuri Mesiya Segaba, hazocah’ayandi mayinga ndwi; maze habeh’ayandi mayinga mirongwitandatu n’abiri, hasubire kwubakwa, basubizeh’imiharuro n’imigende; mbere bizoba bikorwa mu bihe bigoye.” (Daniel 9:25).

**Ibitabo Vyifashishijwe:** *Intambara ikomeye*, pp. 409–422.

“Umumarayika yari yatumwe kuri Daniyeli ngo amusobanurire ingingo atari yashoboye gutahura mw’iyerekwa ryo mu gice c’umunani, amajambo ajanye n’igihe”—*Intambara ikomeye,* p. 326.

## 1. GUSOMA NGO ATAHURE

Kuwa1, Rusa 3

a. Igihe abamedi n’abaperesi bariko bigarurira Babuloni, niki Daniyeli yariko yiga? Daniyeli 9:1,2.

“Mu gihe abari barabandanije kuba intahemuka ku Mana hagati muri Babuloni bariko barondera Uhoraho bongera biga ubuhanuzi buvuga ivy’ugucungurwa kwabo, Imana yariko itegurira imitima y’abami kwerekana ubuntu ku bwoko bwayo bwihana”—*The SDA Bible Commentary* [E. G. White Comments], vol. 4, p. 1172.

b. Sobanura ico ubuhanuzi Daniyeli yariko asoma bwari bumaze. Yeremiya 25:8-14.

c. Niki ubuhanuzi bwa Yeremiya bwasaba ubwoko bw’Imana gukora? Yeremiya 29:10-14.

“Inyandiko za Yeremiya zari mu maboko y’abari mu bunyage, kandi muri zo herekanywe neza igihe categerezwa kurangira imbere yuko isirayeli ikurwa muri Babuloni. Amasigarira y’abayuda bari kugirirwa ubuntu, nk’inyishu y’amasengesho akomeye”—*Prophets and Kings,* p. 552.

## 2. ISENGESHO RYA DANIYELI

Kuw2, Rusam4

a. Ni gute Daniyeli amaze gusoma ivyo? Daniyeli 9:3.

"Afise ukwizera gushimikiye kw'ijambo nyakuri ry'ubuhanuzi, Daniyeli yinginze Imana ngo ishitse ayo masezerano vuba. Yasenze asaba ko icubahiro c'Imana kigumaho. Mu gusaba kwiwe yishize mu gitigiri c'abari barananiwe gusohoza umugambi w'ijuru, yatura ivyaha vyabo nk'ivyiwe"— *Abahanuzi n'abami,* pp. 554, 555.

b. Umaze gusoma isengesho rya Daniyeli, niki wiyumvira ku kungene yicishije bugufi asaba Imana? Daniyeli 9:4-19.

"Naho Daniyeli yari yarabaye mu gikorwa c'Imana igihe kirekire, kandi akaba yari yaravuzwe ko 'akundwa cane', yaje imbere y'Imana nk'umunyavyaha, yinginga yerekana ubukene bw'abantu yakunda"—Ibid., p. 555.

c. Nigiki cari gihangayikishije Daniyeli cane vy'umwiharikо? Daniyeli 9:16, 17.

"Hafi imwaka 70, isirayeli yabaye mu bunyage. Igihugu Imana yari yaratoranije ngo kibe icayo catanzwe mu maboko y'abapagani. Igisagara cakundwa, icashikirwa n'umuco mvajuru, icahora kibera isi umunezero, carasuzuguwe kirononekara. Urusengero rwari rubitse isandugu y'isezerano kandi abakerubi b'ubwiza batwikiriye intebe y'imbabazi, rwarasenyutse. Aho rwahoze hahumanijwe n'ibirenge bihumanye. Abagabo b'abizigirwa bari bazi ivy'ubwiza bwahahora bishwe n'intuntu kubona inzu yera yahora itandukanya Isirayeli nk'ubwoko bw'Imana yatoranije yarahomvaguritse. Aba bagabo biboneye ibihano vy'Imana kubera ivyaha vy'ubwoko bwayo. Biboneye gusohora kw'iri jambo. Biboneye kandi amasezerano y'ubuntu bwayo iyo Isirayeli ihindukirira Imana, maze bakagenda bari maso imbere yayo. Bamaze gusaza, bameze imvi, baduze gusengera I Yerusalemu naho hari harabaye amatongo. Basomye amabuye yaho, bayajobekesha amarira, binginga Uhoraho ngo agirire imbabazi Siyoni, ngo ayitwikirize ubwiza bwo kugororoka kwiwe. Daniyeli yamenye ko igihe cari caragenywe co kuba inyambukira kwa isirayeli cari hafi kurangira; ariko kubera Imana yari yasezeranye kubarokora, ntiyiyumvishije ko bo ubwabo hari ico bategerezwa gukora. Yarisonzesheje kandi yicuza, arondera Uhoraho, yatura ivyaha vyiwe n'ivy'ubwo bwoko"—*The SDA Bible Commentary* [E. G. White Comments], vol. 4, p. 1172.

## 3. UMUSHITSI AVUYE MW'IJURU

Kuw3, Rusa 5

a. Ni gute isengesho rya Daniyeli ryaciriwe hagati ? Daniyeli 9:20, 21.

"Ijuru ryaciye bugufi ngo ryumve amasengesho y'urutavanako y'uwo muhanuzi. Mbere atararangiza isengesho ryiwe asaba imbababazi no gusubizwa I wabo, Gaburiyeli ahambaye yongeye kumwiyereka"—*Abahanuzi n'Abami,* p. 556.

"Ni Gaburiyeli, uwukurikira Umwana w'Imana, yazaniye Daniyeli ubutumwa bw'ijuru. Imana yaduhaye ibi bintu, kandi imigisha yayo izoba kubicisha bugufi, bakiga basenga ibi vyanditswe vyera vy'ubu buhanuzi"—*Uwipfuzwa ibihe vyose, p. 234.*

b. Urugendo rwa Gaburiyeli rwari rugendereye iki, kandi ni gute rufitaniye isano n'iyerekwa ryo mu gice ca 8 ? Daniyeli 9:22,23.

"Gaburiyeli yamwibukije ivyo yari yabonye imbere y'ukugwa kwa Babuloni n'urupfu rwa Belushaza"—*Abahanuzi n'Abami,* p. 556.

"Imana yategetse intumwa yayo kumutahuza ivyo yeretswe.' Kandi iryo tegeko ryategerezwa gushirwa mu ngingo. Mu kuryumvira, umumarayika inyuma y'akanya gato, yagarutse kuri Daniyeli, aramubwira ati: 'Nzanywe no kukwungura ubwenge, n'ukw'iryo jambo uryiyumvire cane, utahure ivyo weretswe. (Daniyeli 8:27, 16; 9:22, 23, 25–27). Hariho ingingo ikomeye yo mw'iyerekwa ryo mu gice ca 8 itari yasobanuwe, ariyo yerekeranye n'igihe; arico gihe c'imisi 2300, Kubw'ivyo, marayika, mu gusubiramwo ubusobanuro bwiwe, yashimikiye cane ku ngingo y'igihe"—*Intambara ikomeye,* p. 325.

c. Nicahe kiringo kitaraba ubwoko bw'abayuda, kandi niki categerezwa gukorwa muri ico gihe? Daniyeli 9:24.

"Umutwaro wa Kristo wo kwigisha wari: 'Igihe kirasohoye ubwami bw'Imana buri hafi; mwihane, mwizere ubutumwa bwiza.' Uko niko ubutumwa bwiza, nk'uko bwatanzwe n'umukiza ubwiwe, bwari bwubakiye ku buhanuzi.'Ighe'arico yavuze categerezwa gusohora, nico gihe Gaburiyeli yari yaramenyesheje Daniyeli. u m u s i mu buhanuzi ungana n'umwaka. Raba Guharura 14:34; Ezekiyeli 4:6. Amayinga 70, canke imisi 490, ingana imyaka 490."—*Uwipfuzwa ibihe vyose,* p. 233.

## 4. INTANGO YAHISHUWE

Wed, May 6

a. Ni iryahe tegeko ry'umwami ryategerezwa kwerekana intango y'amayinga 70? Daniyeli 9:25.

"Itegeko ryo gusana no kwubaka Yerusalemu, nk'uko ryasohojwe n'itegeko rya Aritazerusi Longimanuis (raba Ezira 6:14; 7:1,9 ahahereza), ryatanguye gukurikizwa mu gihe c'umuhindo muri 457, BC. Uhereye ico igihe haraciye imyaka 483 gushika mu muhindo wo muri 27, AD"—*Uwipfuzwa ibihe vyose,* p. 233.

b. Sobanura ubufasha bwatanzwe kugira iri tegeko risohoze ubuhanuzi. Ezira 7:11-13, 21-27.

"Uhoraho yakoze ku mutimaw'umwami, bituma Ezira agiririwa ubuntu. Umwami yashize mu biganza vyiwe uburyo bwinshi bwo kwongera kubaka urusengero, kandi yatumye abayuda bashobora kugaruka"—*The SDA Bible Commen- tary* [E. G. White Comments], vol. 3, p. 1134.

c. Niki kandi ubuhanuzi bwari bwaravuze ku bijanye n'igikorwa ca Mesiya? Daniel 9:26 (ahatangura), 27 (ahatangura).

"Twisunze ubuhanuzi, iki gihe categerezwa gushikana kuri Mesiya, uwasizwe. Muri 27, AD, Yesu amaze kubatizwa Mpwemu yaramumanukiye (ariko gusigwa), aherako atangura umurimo wiwe. Niho hatangajwe ubutumwango "igihe kirasohoye".

"Maze marayika aravuga ati: 'Kand'azosezerana na benshi isezerano rikomeye kumara iyinga rimwe [imyaka ndwi]. Mu myaka ndwi umukiza amaze gutangura umurimo wiwe, ubutumwa bwiza bwategerezwa kwigishwa cane cane abayuda; mu myaka itatu n'igice we nyene akaba ariwe abwigisha, hagakurikira intumwa. 'ni ryagera hagati azokurah'ibimazi n'amashikanwa.' (Daniyeli 9:27). Mu mpeshi yo mu mwaka wa 31, Kristo ikimazi nyakuri yatangiwe I Kaluvari. Maze igihuzu gikingiriza ahera gitabukamwo kabiri , bisigura ko ubuherezi n'ubusobanuro bw'ikimazi vyari birangiye. Igihe cari kigeze ngo ibimazi n'amashikanwa vyo kw'isi bihagarare.

Iyinga rimwe ariyo myaka ndwi; ryarangiye muri 34AD. Maze guterwa amabuye kwa Sitefano bwa nyuma kwatanze ikimenyetso ko abayuda basuzuguye ubutumwa bwiza, abayuda bari barasabagiriye kure kubera agahamo 'bagiye ahantu hose bigisha iryo jambo'' (Ivyakozwe 8:4)."—*Uwipfuzwa ibihe vyose,* p. 233.

## 5. AMAYINGA 70 YUZURA

Kuw5, Rusa 7

a. Nikihe cago categerezwa kubaho imyaka 490 imaze kurangira? Daniyeli 9:26(ahahereza), 27 (ahahereza); Luka 21:20.

"Kwihangana igihe kirekire kw'Imana kuri Yerusalemu vyatumye abayuda bashimika mu kutihana kwabo. Mu bwibone bwabo burimwo ubuhumyi no kurogota, abayobozi babo ku mugaragaro ko batatinya ko Yerusalemu izorimbuka, kuko yari umurwa w'Imana. Kugira ngo ububasha bwabo bukomere, bahaye ingurire abahanuzi b'ibinyoma, ngo batangaze ko abantu bategerezwa kurindra agakiza kava ku Mana, mbere n'igihe ingabo z'abaroma zari zigose urusengero. Kugeza kw'iherezo, abantu babandanije kwizera ko Imana izobakiza abansi babo. Ariko Isirayeli yari yarasuzuguye uburinzi bw'Imana, ubu ntawo kubarwanirira bari bagifise. Mbega Yerusalemu yari ibabaye! Yari isambuwe n'amacakubiri yari ayirimwo, amaraso y'abayibamwo bicanye ubwabo yatemba mu nzira, mu gihe ingabo z'abanyamahanga zariko zisenya ibihome vyayo zica n'ingabo zayo"—*Intambara ikomeye,* pp. 28, 29.

b. Ko igice ca mbere c'imisi casobanuwe, niki dushobora kumenya ubu? Daniyeli 8:14; 9:24.

"Uko niko ikintu cose cavuzwe n'ubuhanuzi casohoye; kandi nta nkeka biboneka ko intango y'amayinga 70 yabaye muri 457 M.K (imbere ya Kristo) kandi ko vyarangiye muri 34 AD (inyuma ya Kristo. Hisunzwe ibi, nta ngorane zihari zo kubona iherezo ry'imisi 2300. Amayinga 70 ariyo misi 490 yakuwe mu misi 2300, hasigara imisi 1810. Uhereye muri 34M.K, imisi 1810 ishikana mu 1844. Kubw'ivyo rero, imisi 2300 yo muri Daniyeli 8:14 irangira mu 1844. At the expiration of this great prophetic period, upon the testimony of the angel of God, 'the sanctuary shall be cleansed.' Twisunze uko umumarayika w'Imana yavuze, kw'iherezo ry'igihe kirekire c'ubuhanuzi, "ahera hategerezwa guhumanurwa". Kubw'ivyo rero, igihe co guhumanura ahera cadomweko nta nkeka"—Ibid., p. 328.

## IBIBAZO VYO KWISUZUMA KURI BURI WESE

Kuwa6, Rus 8

1. Naho nawe yari umuhanuzi, niki Daniyeli yari arajwe ishinga no kumenya?
2. Ni kuberiki Daniyeli yishize mw'isengesho ryo kwihana ivyaha vya Isirayeli vya kera?
3. Ni gute tumenya neza ko Daniyeli ihishura ibanga rya Daniyeli 8.
4. Sobanura ivyabaye vyaranze intango y'ubuhanuzi bw'imisi 490.
5. Sobanura uguhona kwa Yerusalemu nk'uko vyari vyarahanuwe na Daniyeli na Yesu.

# IGITABO KIMATANIJWE CONGERA KUZINGURURWA

**Umurongo wogufata k'umutwe:** "Nja ah'Umumarayika ari, ndamubwira kumpa ako gatabo. Arambarira, at 'enda ugatsontsomere, karakururira munda, ariko mukanwa karagusosera nk'ubuki." (Ivyahishuwe10:9).

**Ibitabo vyifashishijwe:** *Intambara ihambaye,* pp. 391–408.

"Umu marayika w'inkomezi, uwigishije Yohana ntiyari uwundi muntu atari Yesu Kristo"—*Ubusobanuro bwa Bibiliya bw'abadiventiste b'umusi w'indwi* [E. G. White Comments], vol. 7, p. 971.

## 1.ABANYABWENGE BAKAYANGANA Rusama10

a. Sigura ibigeragezo n'intsinzi vyerekanywe mu mpera zo mu nzozi za Daniel. Danieli 12:1, 2.

b. Ni gute abanyabwenge bazoboneka mu buryo butandukanye n'abanyakibi kuri uwo munsi? Danieli 12:3; Matayo 13:41–43.

"Umutima wahindutse, uba muri Kristo, ukirukana umwiza, ukaba mushasha umuco w'ijuru uzomurikira mumutima wiwe. Uwutsinda umubiri ni umunyabwenge. Kandi abanyabwenge bazokayangana nk'umuco w'isanzure, n'abahindura benshi ngo babe abukuri bazokwaka nkinyenyeri ibihe vyose.'

Igikorwa kinyuze mugukorana kw'umuntu n'Imana n' Igikorwa kitazigera gihagarara, ariko kizokwamaho ibihe vyose. Uwuronka ubwenge buva ku Mana agakurira mugihagararo c'umuntu muri Kristo, azohagarara imbere y'Abami, imbere yabitwa abakomeye bo mw'isi, yerekane ishimwe ry'uwamuhamagaye amukuye mu mwiza akamushira m'umuco utangaje. Ubuhinga n'ivyanditswe vy'isi ntibishobora kuzanira ikiremwa muntu cazimiye umuco w'ubutumwa bw'icubahiro ubwo Umwana w'Imana ashobora kuzana. Umwana w'Imana wenyene niwe ashobora gukora igikorwa gikomeye co kumurikira umutima. Pawulo aravuga: Kuk'ubutumwa bwiza butanteraa isoni, ar'ubushobozi bw'Imana buzanira uwizera wese agakiza. Ubutumwa bwa Kristo buba ubwumwe wese kuri abo bose bizera, kandi bakabugendera, bakabumenyesha n'abandi. "—*Fundamentals of Christian Education,* pp. 199, 200.

## 2.IGITABO KIRAZINGWA Rusama 11

a. Nigiki muri aka kanya Danieli yategetswe gukora? Danieli 12:4 (ahatangira), 8, 9 (ahatangira).

"Yubahwa n'abantu bafise ishingano mugihugu n'amabanga y'ubwami bufise inkomezi kw'isi, Daniyeri yubahwa n'Imana nk'umuserukizi wayo kandi yahabwa amayerekwa menshi y'ibimenyetso vy'ibihe bizokurikira. Ubuhanuzi bwiwe butangaje, nkuko bwanditswe nawe mu bice vya 7 na 12 vyo mugitabo citiriwe izina ryiwe, ntabwo vyata huwe neza mbere nawe nyene ubwiwe ariko imbere yuko igikorwa c'ubuzima bwiwe kirangira, yahawe isezerano ryiza ko mugihe ciherezo ry'isi azongera guhabwa uruhara rwiwe n'icicaro ciwe. Ntivyari vyahawe ko atahura vyose Imana yari yahishuye ku mugambi wayo w'ijuru............

"Mugihe turiko twegereza kumpera y'amateka y'isi dutegerezwa kwita kubuhanuzi bwanditswe na Danieli, kuko bujanye nikigihe turimwo. Tukabufatanya n'inyigisho z'igitabo canyuma co mu vyanditswe vyo mw'isezerano rishasha (ivyahishuwe)."—*Abahanuzi n'abami,* p. 547.

b. Nigiki cerekana amajambo ya Malayika adoma urutoke kw'ibanga ry'iminsi 2300, kandi ni ryari ivyo bizoja ahagaragara? Danieli 8:17; 12:4, 9 (ahaheruka).

"Ubuhanuzi bugaragaza urukurikirane rw'ivyabaye vyerekeza kwitangira ry'urubanza. Ivyo bigaragara cane mugitabo ca Daniyeli. Ariko ico gice c'ubuhanuzi bwiwe bujanye n'igihe c'iminsi yanyuma, Danieli yabwiwe ngo abimatanye kandi abishire mw'ibanga gushika kwiherezo. ntivyarigushoboka ko ubutumwa bujanye n'urubanza bwarikumenyeshwa imbere yuko ico gihe gishika, kuko bwari gushingira kwiranguka ry'ivyahanuwe, ariko mugihe c'iherezo, umuhanuzi avuga ati: Niho benshi bazoserangura muri co, kandi ubwenge bwa benshi buziyongera.' Danieli 12:4. . . .

"Kuva mu mwaka wa 1798, igitabo ca Danieli carazinguruwe ubwenge mu vy'ubuhanuzi bwarongerekanye, kandi benshi baramenyekanishije ubutumwa bukomeye bwo kubururira ko urubanza rwegereje. Nkuko vyari mwivugururwa ryo mukinjana ca cumi na gatandatu, ihuriro ry'ivya Kristo ryabonekeye mu bihugu bitandukanye vy'abakristu mugihe kimwe. Mu burayi no muri Amerika, abantu bafise kwizera, basenga bayoborewe kukwiga ivyahanuwe, kandi mugukurikirana ivyanditswe n'Imana, barabonye ivyemezo vyose bikomeye vyerekana ko iherezo rya vyose riri hafi. Mubihugu bitandukanye hari amakoraniro y'abakristu batandukanye, abashitse ku kwemera ko ukugaruka kw'Umucunguzi kuri hafi, binyuze mu kwiga ivyanditswe."—*Intamabara ihambaye,* pp. 356, 357.

## 3. IGIHE CIHEREZO

Kuwa 12 Rusama

a. Igihe Danieli yariko arareba, yumviriza ni iryahe tegeko rikomeye ryamenyesheje igihe c'imbere y'iherezo ry'ibihe? Daniel 12:5–7.

b. Wisunze iyi mirongo, nigute igihe c'iyo minsi y'ivyahanuwe kimenyeshwa. Danieli 7:25; Ivyahishuwe 11:2, 3; 12:6, 14; 13:5.

"Intumwa pawulo yaburiye ishengero kutarindira kuza kwa Kristo mugihe ciwe. Ati: k'ukutazoza, kwa kureka Imana kutabanje kuboneka, kandi wa muntu w'umugarariji atarahishurwa, niwe mwana wo kurandurwa. 2 Ab'itesaronike 2:3. ntivyari gushoboka ko kuza kw'Umukiza kubaho imbere yukurandurwa gukomeye hamwe n'igihe kirekire c'ubwami bw'umwana w'icaha. Uwo muntu w'icaha, uwitwa kandi ibanga ryo kugabitanya, umwana wo kurandurwa, n'uwububisha, aserukira ubu papa, ivyo vyavuzwe mubuhanuzi ko izogumya ubukuru bwayo imyaka 1260 ico gihe carangiye mu 1798. kuza kwa Kristo ntikwari gushoboka imbere yico gihe. paulo yakingiye igihe cose c'ukwemera kwa gikirisu gushika mu mwaka wa 1798. Ni nyuma y'ico gihe aho ubutumwa bwo kuza kwa kabiri kwa Kristo bugomba kumenyekana. "—*Intambara ihambaye,* p. 356.

c. Nigute ikiringo c'imyaka 1260 cerekanywe n'Umumarayika? Daniyeri 12:10 (ahatangira).

"Mukinyenjana ca cumi na gatatu hashinzwe igikoresho gikomeye c'Ubupapa. umwami w'umwiza yakoranye n'abarongozi b'ubupapa. Munama zabo z'ibanga, satani n'abamarayika biwe baganza mu mitima y'abantu b'abagome, ariko hagati yabo mumpisho hari Umumarayika w'Imana, yandika ivyemezo vyabo vy'inkozi z'ikibi, akandika amateka y'ibikorwa biteye ubwoba cane ku buryo amaso y'abantu atoshobora kuvyihanganira. Babuloni ihambaye yari yanyoye amaraso y'aberanda. Imibiri myishi ya menaguwe yabahowe Imana yaririra imbere y'Imana isaba guhora kuri uwo munyembaraga.

Uko isi yari imeze munsi y'ububasha bw'abaromani vyerekanye mu buryo buteye ubwoba ishirwa mungiro ry'amajambo y'umuhanuzi Hoseya: Ntakuri, nta buntu, ntakumenya Imana mu gihugu, kuko kurahira, kubesha, kwica, kwiba, gusambana vyaradutse, kandi amaraso agahura n'amaraso. (Hoseya 4:6,1-2). Ivyo vyose vyari ivyavuye ku kwirukana Ijambo ry'Imana." —Ibid., pp. 59, 60.

## 4. IGITABO KIMATANURWA

kuwa13 Rusama

a. Tugereranije nivyo muri Daniyeli 12:7, ni gute intumwa Yohana yabonye ukugururwa kwamayerekwa ya Danieli? Ivyahishuwe 10:1, 2, 5, 6.

"Umumarayika ahambaye uwigishije Yohana ntiyari uwundi muntu atari Yesu we ubwiwe. Yahonyoje ikirenge ciwe c'iburyo kukiyaga, ikindi c'ibumoso gisigara kumusozi, vyerekana uruhara rwiwe mubihe vyanyuma vy'intambara ihambaye na satani. Uwo mwanya werekana ububasha bwiwe budasanzwe n'ukuganza kwiwe kw'isi yose....................

"Yohana yabonye agatabo gato kazingururwa. ubuhanuzi bwa Daniyeli bufise ikibanza cabwo ca mbere, icakabiri, icagatatu m'ubutumwa bw'Abamarayika bugomba kubwirwa isi.

"Iki gihe, Umumarayika yamenyesheje mundahiro ikomeye cane ko atari iherezo ry'amateka y'isi, canke iherezo ry'igihe c'ukugeragezwa, ahubwo n'igihe c'ubuhanuzi, gitegerezwa kuba imbere yukugaruka kw'Umwami wacu. Ni kuvugako abantu batazongera guhabwa ubutumwa bushingiye ku gihe cagenwe neza. Inyuma yiki gihe gushika mu mwaka 1844, ntakwerekana ukundi igihe c'ubuhanuzi mu buryo bw'ukuri gushoboka. uguharura gushika mumpeshi 1844.

"Ikibanza c'umumarayika, yashize ikirenge ku kiyaga, ikindi gisigara I musozi, vyasobanura kuvuga muburyo bwagutse ubutumwa no bujabuka imbibe, bukavugwa mubindi bihugu, ndetse no kw'isi yose." —*Ubusobanuro bwa Bibiliya bw'adventiste b'umusi w'indwi [*E. G. White Comments], vol. 7, p. 971.

b. sobanura ubumenyi bwa yohana bwo mundoto yakuye mugitabo gito bugomba gusa n'ubw'umugwi wabategereje muri 1840. Iyahishuwe10:9–11.

"Ugutahura ukuri, ukwakirana umunezero ubutumwa, vyagaragariye mugusoma igitabo gito, ukuri kujanye n'igihe cokugaruka kwakabiri k'Umwami wacu vyari ubutumwa bw'agaciro ku mitima yacu."—Ibid.

"Igihe baribiteze cararenganye, Kristo ntiyaza gutabara abantu biwe. Abari bafise ukwizera hamwe n'urukundo barevye Umukiza wabo, bahuye no guhemukirwa gukomeye. Nubwo imigambi y'Imana itari bwashigwe mungiro; yariko iragerageza imitima yabavugako ari abategereje ukugaruka kwiwe......
"Ariko Yesu n'ingabo z'ijuru barebana urukundo n'imbabazi kuri abo bageragezwa kandi bintahemuka naho bari bahemukiwe, iyo igitambara gitandukanya ibiboneka n'ibitaboneka gikurwaho, Abamarayika barikuboneka begereye abo b'imitima ikomeye, bakabakingira imitego ya satani."—*Intambara ihambaye,* p. 374.

## 5. MURI BAMWE BA BANYABWENGE

Rusama 14

a. Nigute Daniyeri yasobanuwe na Ezekiyeri, umwe mubo mubihe vyiwe? Ezekiyeli 14:14.

b. Nigute dushobora kuba abanyabwenge/ akarorero nka Daniyeli? Daniyeli 12:10 (ahaheruka); Imigani 9:10; Matayo 7:24, 25.

Igihe c'amarushwa, kitigeze kubaho kiradusatiye cane, dukeneye ubunuraribonye tudafise ubu, ubwo benshi batigeze bashikira. Akenshi amarushwa aba menshi mu kwiyumvira gusumba imbere yuko aba vyukuri; ariko ibi si ukuri kubizoba imbere zacu. Ishusho ikomeye cane ntishobora gushikira uburemere bw'ico kigeragezo. Muri ico gihe co kugeragezwa, buri mutima wose uzotegerezwa guhagarara imbere y'Imana. 'naho coba kirimwo Nowa na Daniyeli na Yobu, ndahiye ukubaho kwanje, nik'Umwami uhoraho agize, ntawe borokora, ar'umuhungu wabo canke umukobwa wabo'atarayabo magara gusa bokiza, k'ubwukugororoka kwabo. '. Ezekiel 14:20.

"Ubu Umutamvyi wacu mukuru ariko akora igikorwa co kutuburanira, dukwiye kurondera kuba abatunganye muri Kristo. N'iciyumviro kimwe nticashoboye gutuma Umukiza wacu yemera kuganzwa n'ubuhendanyi bwa satani. Satani yaronse ikibanza mumutima w'kiremwa muntu. aho ubuhendanyi bwiwe bubonera inzira. ariko Kristo yarivugiye ubwiwe: kuk'Umwami w'isi ari mukuza, yamara muri jewe ntakintu ahafise 'Yohana 14:30, Satani ntiyashoboye gusanga ikintu nakimwe mu mwana w'Imana kimushoboza gutsinda. yari yaritondeye amategeko ya Se, kandi ntacaha cari muriwe satani yari gukoresha ku nyungu ziwe. Ubu nibwo buryo abo bazohagarara mugihe c'amarushwa' "—*Intambara ihambaye* pp. 622, 623.

c. Nigute Umumarayika yasezereye bwanyuma Daniyeri? Daniyeli 12:13.

## IBIBAZO VYO KWISUZUMA KURI BURI WESE

Kuwa 15 Rusama

1. Ni ryari hazoba umuzuko uvugwa muri Daniyeli 12:2?
2. Ni giki cabaye kugira ubuhanuzi bwa Daniyeri buhishurwe?
3. Nicahe kimenyetso cerekanye itangira c'igihe ciherezo?
4. Nubwahe buhanuzi bwerekanye izingurugwa ry'igitabo ca Daniyeli?
5. Nigute nshobora kumenya neza ko ndi mubanyabwenge?

ISABATO YO KUWA 23, 2026

ICIGWA CA 8

# UMUHANUZI W'I PATIMO

**Umurongo wo gufata kumutwe:** "Hari umwe mu bigishwa biwe yari yegamiye mugikiriza ca Yesu bariko bararya, umwe Yesu yakunda." (Yohana13:23).

**Ibitabo vyifashishijwe:** *Ivyakozwe n'Intumwa,* pp. 539–556.

"Inyuma y'iduzwa rya Kristo, Yohana yahagaze ashikamye mu kwizera, nk'umukozi w'ubwira kuri sebuja."—*Ivyakozwe n'Intumwa,* p. 546.

## 1.UMWIGISHWA YESU YAKUNDA

kuwa 17 rusama

a. Ni utwahe turorero twerekana ubucuti bwahafi bw'umwigishwa Yohana kuri Yesu? Matayo 17:1; Mariko 14:33; Luka 8:51.

"Yohana yaronse ku rugero rudasanzwe ubucuti bwa Kristo, kandi yaronse ibimenyetso vyinshi vy'ukwizigirwa n'urukundo rw'umukiza. Yabaye umwe muri batatu bemerewe kubona icubahiro ca Kristo ku musozi yabonekeyeko, no kubona amarushwa yiwe I getsemane. Kandi niwe yahawe kwitaho nyina wa Yesu muri ya masaha y'akababaro ku musaraba."—*Ivyakozwe n'Intumwa* p. 539.

b. Ni gute Yohana yatandukanywa mubandi bigishwa? Yohana 13:23; 21:20 (Ahahereza), 24.

"Yohana na Yakobo, Andereya, petero, hamwe na Filipo, Natanayeli, Matayo, bari bunze ubucuti bwa hafi na Kristo gusumba abandi, kandi bari barabonye ibitangaza vyiwe vyinshi. Petero, Yakobo, Yohana bari mumubano mwiza nawe bamana nawe igihe kirekire babona ibitangaza vyiwe, kandi bumva amajambo yiwe. Yohana yarafise umubano w'akarusho cane na Yesu. Umukiza yarabakunda bose, ariko yohani yari afise umutima wakira cane. Yari akiri muto kurusha abandi, kandi afise ukwizera nk'ukumwana yugururiye umutima wiwe Yesu.Nico gituma yahuje cane na Kristo, kandi binyuze muri we inyigisho za Mpwemu w'Umukiza zashikirizwa abantu biwe."—*Uwipfuzwa ibihe vyose,* p. 292.

## 2.IMICO IHINDURWA



a. Ni iyahe nsiguro y'izina Yesu yise Yohana hamwe na mwene nyina Yakobo? Mariko 3:17.

"Yohana ntiyarafise kamere y'ubwiza bw'imbere nkuko vyagaragaye munyuma y'ivyo yahavuye abamwo. Muri kamere yiwe yari afise ibitagenda neza. Yari umuntu yishira hejuru, yihagararako, kandi yaharanira ivyubahiro, yari umuntu w'impabutsi, yihora igihe yababajwe. We na mwene nyina bitwa abana b'inkuba, ishavu, icifuzo co kwihora, hamwe no kugira umutima wogucira abandi urubanza vyose vyari muri uwo mwigishwa yakundwa. Ariko nyuma yibi umwigisha w'ijuru yabonye umutima w'ukwiyumvira cane, w'ukuri, kandi wuzuye urukundo. Yesu yamukebuye ku kwironderera ivyiwe, atesha ivyifuzo vyiwe, kandi agerageza ukwizera kwiwe. ariko yamuhishuriye ico umutima wiwe wari wipfuza Ubwiza bw'ubweranda, n'ububasha bw'urukundo buhindura."—*Ivyakozwe n'intumwa,* p. 540.

b. Nigute Yohana yize inzira nshansha yo kubana n'abandi? Yohana 13:34; 1 Yohana 4:7, 8.

"Ivyigwa vya Kristo vyerekana ubwitonzi, ukwicisha bugufi n'urukundo nk'ibintu vyingenzi kugukura mu buntu bw'Imana no kugira ubushobozi bwogukora igikogwa cayo, vyari ivya gaciro kanini kuri Yohana. Yohana yaratanguye kubona icubahiro ca Kristo ko atari icubahiro c'isi n'ububasha bwo kw'isi yari yarigishijwe kwizera, uretse ubwiza nk'ubw'umwana w'ikinege w'Imana Data, yuzuye ubuntu n'ukuri.' Yohana 1:14."—Ibid., p. 544.

c. Sobanura ibiba ku mutima wuzuye urukundo kubo tubana nabo. 1 Yohana 3:10, 11; Yohana13:35.

"Uburebure bw'amaranga mutima vya Yohana k'Umwigisha wiwe ntivyari intandaro y'urukundo wa Kristo kuri we, ariko vyari ingaruka z'urukundo. Yohana yipfuza kuba nka Yesu, kandi binyuze munkomezi zihindura z'urukundo rwa Kristo yahindutse umuntu w'ukwicisha bugufi n'uwitonze. We ubwiwe yari yihishe muri Yesu. kurusha abandi bose Yohana yatanze ubuzima bwiwe mu bubasha bw'iyo ngendo y'agatangaza. Yohana yamenye umukiza binyuze mu bumenyi bwivyo yari yarabayemwo. Ivyigwa vy'Umwami wiwe vyari vyanditswe ku mutima wiwe, igihe yahamiriza ubuntu bw'Umukiza amajambo yiwe yoroheje yabaye ay'agaciro cane yuzuye urukundo rwari rwaruzuye mu buzima bwiwe bwose"—Ibid., pp. 544, 545.

## 3. YATAWE KU KIGWA I PATIMO



a. Inyuma yo kutagera kumugambi wo guherengeteza ubuzima bwa Yohana nihe yarungitswe? Ivyahishuwe 1:9.

"Yohana yahamagawe I roma kugira acirwe urubanza kubw'ukwizera kwiwe. Ari imbere y'abarongozi inyigisho z'intumwa zarahinduwe, bamwagiriza kwigisha ubuhakanyi bw'ivyiyumviro bitemewe, kubwibi vyagiriji abansi biwe bizerako bizomushikana murupfu.

"Yohana yishuye ubwiwe mu buryo bwumvikana kandi ashimitse, no gucishwa bugufi mu majambo yiwe afise inkomezi. Abamwumviriza baratangajwe n'ubwenge bwiwe no kuvuga neza kwiwe. Ariko uko yarushiriza gusigura ibishingantahe vyiwe niko urwanko rwabamugwanya rwiyongera.....

"Yohana yaterewe mu ngunguru y'amavuta, ariko Uhoraho yarinze ubuzima bw'umusavyi wayo, nk'uko yarinze Abaheburayo batatu mw'itanure ry'umuriro. Aho niho havugiwe amajambo ngo, uko niko bapfa abizera umunyabinyoma, Yesu Kristo w'I nazareti, Ariko Yohana yaravuze ati: Umwigisha wanje yaciye bugufi yemera ivyo satani n'abamarayika biwe bashoboye kugira bamusebeshe no ku mutoteza. Yatanze ubuzima bwiwe kugira arokore isi, ndahimbawe no kuba nemerewe kubabazwa kubw'izina ryiwe.

"Ay'amajambo yakora k'umutima, Yohana yakuwe mungunguru n'abantu bamutereyemwo nyene. . . .

"Kubwitegeko ry'Umwami Yohana yirukanywe mw'izinga rya Patimosi, aho abansi biwe biyumvirako amajambo yiwe atazongera kumvikana, kandi ko ategerezwa kwicwa no kubaho nabi hamwe n'amakuba."—*Ivyakozwe n'Intumwa,* pp. 569, 570.

b. Ni akahe karyo k'ingirakamaro kabonetse mw'iyirukanwa ryiwe? Ivyahishuwe1:1–3, 10, 11.

"Patimos, izinga ry'inyanja, rigizwe n'ibitandara vyamabuye gusa ryari ryaratoranijwe n'ubutegetsi bwa Roma nk'ikibanza co guhaniramwo inkozi z'ibibi; ariko k'umusuku w'Imana iki kibanza c'umubabaro camuhindukiriye urwinjiriro rw'ijuru. Aha, akuwe kure cane y'ivyisi n'akazi kenshi kimyaka yakera, yarikumwe n'Imana na Kristo hamwe n'Abamarayika b'ijuru aho yaronse inyigisho zigenewe ishengero zibihe vyose bizokurikira. Ivyabaye vyarikuzoba mugihe c'irangira ry'amateka y'isi vyashizwe imbere yiwe kandi niho yandikiye amayerekwa avuye ku Mana. "—Ibid., pp. 570, 571.

## 4. AHURA NA KRISTO

Wed, May 20

a. Nigute Yesu yiyeretse Yohana mu ndoto I patimosi? Ivyahishuwe1:12–16.

---

“Umwigishwa ukunzwe yabonye umwigisha wiwe I getsemani, mu maso hiwe ibitonyanga vy’amaraso vy’umubabaro, mumaso hiwe hononekaye ntihase nah’umuntu, n’ishusho yiwe yononekaye ntise niy’abana babantu. Yesaya 52:14 yari yaramubonye ari mu maboko y’abasoda b’abaroma, yambitswe ikanzu ishaje n’urugori rwamahwa. yari yaramubonye amanitse k’umusaraba I kaluvali, nkigikoresho co gusekwa n’ukugirirwa nabi. Aka kanya Yohana yararekuriwe kubona Umwami wiwe. Ariko, mbega ukuntu ishusho yiwe yahindutse! Atakiri umunyamibabaro yanswe kandi asebejwe n’abantu. Yambaye ikanzu ikayangana y’ijuru. Patimos yahindutse ikibanza c’ubwiza bw’Umwami yazutse.” —*Ivyakozwe n’intumwa,* p. 582.

b. Ni gute Yohana yavyitwayemwo, kandi ni icahe gikorwa Yesu yamuhaye? Ivyahishuwe 1:17–19.

---

“Yohana yasubijwe intege zo kubaho imbere y’Umwami wiwe. Imbere mundoto ziwe zitangaje habonekanye icubahiro c’ijuru Yasubiriye kwemererwa kubona intebe y’Imana kandi aravye kure y’imivurungano y’isi abona umugwi munini wabantu bacunguwe bambaye impuzu zera. Yumvise indirimbo z’Abamarayika b’ijuru n’indirimbo zabo bose batsinze binyuze mu maraso y’umwagazi w’intama n’amajambo y’ibishingantahe. Mw’iyerekwa yahawe, herekanywe ishusho ku yindi kuvyerekeye k’ubuzima bw’abantu b’Imana, hamwe n’amateka y’ishengero yabuwe gushika kumpera z’ibihe. Binyuze mu bigereranyo n’ibimenyetso, Yohana yeretswe ibintu yagomba kwandika kugira ngo abantu b’Imana bo mugihe ciwe ndetse no mugihe kizoza bazoshobore kugira ubwenge bwo gutahura ibibarindiriye n’imivurungano. ”—Ibid., pp. 582, 583.

c. Nigute igitabo c’ivyahishuwe ari ubutumwa bw’umwumwe wese kuri twe? Ivyahishuwe 1:4– 6; 3:22.

---

“Ibi vyahishuwe vyatanzwe kugira birongore no guhumuriza ishengero mugihe co gutatanya kw’abakristo. Nubwo abarongozi b’ishengero bavuzeko ari igitabo kimatanishije kandi ko amabanga yaco adashobora gusobanurwa. Kubwivyo benshi bavuye kubuhanuzi bwanditswe, banka gufata akanya ko kwiga kuvyamayobera yaco. ariko Imana ntigomba ko abantu bayo babona ico gitabo muri ubwo buryo.”— Ibid., p. 583.

## 5. GUHORANA NA KRISTO VYIZEWE

Kuwa 21 Rusama

a. Ni iyahe mbono ya Kristo hagati yibiterekwako amatara indwi vy’inzahabu bisobanura? Ivyahishuwe 1:20.

---

“Kristo avugwa nkuwugendagendera hagati yibiterekwako amatara. Ibi bisobanura ubucuti bwiwe afitaniye n’amashengero. Aguma avugana n’abantu biwe, azi ingene bamerewe. Yihweza urutonde rwabo, ukwubaha kwabo, n’ukwitanga kwabo. Nubwo ari Umuherezi mukuru akaba n’Umuhuza mw’Ihema ryo mw’ijuru, ariko akagereranywa nkuwugendagendera hagati mw’ishengero ryiwe kw’isi. Mu kudahengeshanya no kurinda, aguma areba nimba umuco w’abarinzi biwe utagabanuka canke ngo uzimangane. Iyaba ibiterekwako amatara biguma mu maboko y’abantu gusa, umuriro w’umuco wotituka ukazima. Ariko ni umurinzi w’ukuri munzu y’Umwami, n’umurinzi w’ukuri mu mbuga z’urusengero. Umwitwarariko wiwe udahera n’ubuntu bwiwe nivyo bitanga ubuzima n’umuco. ”—Ivyakozwe n’intumwa, p. 586.

b. Sobanura intumbero y’ubutumwa bw’Imana kw’ishengero ryose bwerekanywe n’amashengero indwi yo mu vyahishuwe igice 2 ni 3.

---

“Amazina y’amashengero indwi ni ikigereranyo c’ishengero mu biringo bitandukanye vyo bihe vy’ubukristo. Igitigiri 7 cerekana ikintu gishitse, kigereranya ko ubutumwa buzoshika kumpera z’ibihe, mugihe ibimenyetso bikoreshwa vyerekana uburyo ishengero ryabaye mubiringo bitandukanye mu mateka y’isi.

Ishengero ryari rifise ibitagenda neza kandi rikeneye gukosorwa bikomeye no guhanwa. Yohana yahumekewe yandika ubutumwa bwo kuburira no gusaba abari baratakaje amabwirizwa nshingiro y’ubutumwa kugira ngo bipfuze agakiza. Ariko ijambo ryose Imana ibonako aririyo gukebura, irivugana urukundo n’isezerano ry’amahoro kuri buri mukirisu wese yihana.”—Ibid., p. 587.

## IBIBAZO VYO KWISUZUMA KURI BURI WESE

Kuwa 22 Rusama

1. Nubwo Yesu atari afise umwe mubo akunda cane, kuberiki yahamagaye Yohana umwigisha ukunzwe?
2. Nigiki cahinduye ubuzima bwa Yohana n’imico?
3. Nigute Imana yategetse intumbero zabanyakibi bashaka kuzimanaganya Yohana ?
4. Naho kenshi ivyahishuwe vyitwa igitabo kimatanije, bisigura iki kuri twe?
5. Sobanura intumbero y’Imana mu kurungika ubutumwa bwo gukebura ishengero ryayo.

# IGISATO, UMUGORE, AMASIGARIRA

**Umurongo wo gufata kumutwe:** "Ico gisato kigirira wa mugore inzigo, kirigira ngo kirwanye abo muruvyaro rwiwe basigaye, bitondera ivyagezwe n'Imana kandi bafise ibishingantahe." (Ivyahishuwe12:17).

**Ibitabo vyifashishijwe:** *Intambara ihambaye,* pp. 582–592.

"Ubwigenge bw'umutima bwatwaye igiciro gikomeye, ntibuzongera kwubahirizwa ukundi. Muntambara igiye kuza vuba, tuzobona vyerekanwa nkuko umuhanuzi yabivuze."—*Intambara ihambaye,* p. 592.

## 1. ISHENGERO RYA HISHUWE Kuwa 24 Rusama

a. Nibiki biboneka muntango z'iyerekwa rya Yohana kuncuro ya kane? Ivyahishuwe 12:1.

b. Mu bimenyetso vya Bibiliya, Umugore agereranya iki? 2 Abikorinto 11:2; Ezekiyeli 23:2–4; Ivyahishuwe17:3–6.

"Mu vyahishuwe 17 Baburoni igereranya umugore- ishusho ikoreshwa muri Bibiliya nk'ikimenyetso c'ishengero, umugore w'inyangamugayo agereranya ishengero ritunganye, umugore w'imico mibi agereranya ishengero ryataye ukwizera.
Muri Bibiliya ubucuti bwera kandi buhoraho buri hagati ya Kristo n'ishengero ryiwe bugereranya ubumwe bw'ubugeni. Uhoraho yiyunzeko abantu biwe binyuze mw'isezerano rikomeye, abasezeranira kuba Imana yabo, nabo biyemeza kuba abiwe gusa. Aravuga ati: kandi nzokwikwerera ube uwanje ibihe bidashira; mbere nzo kwi kwerera mu bugororotsi no mu kuroranya no mukugira nezano mumbabazi, Hoseya2:19, kandi: kuko jewe nd'umugabo wanyu. Yeremiya 3:14. Na Pawulo yarabivuze mu majambo yiwe mw'isezerano rishasha igihe yavuga: Nabahaye umugabo umwe, niwe Kristo, ngo ndamubashingire mumeze nk'inkumi itunganye. 2 abikorinto 11:2. "—*Intambara ihambaye,* p. 381.

## 2. ISHENGERO MU MUBABARO Kuwa 25 Rusama

a. Nigute ishenegro ryagize umubabaro mu gutegereza Umwana Mesiya? Ivyahishuwe 12:2; Yesaya 9:6; Luka 2:25–32.

"Amajambo yanyuma ya Yakobo yujuje ukwizera mu bayuda: Icumu ry'ubugabe ntirizova kuri Yuda, inkoni yo kuganza ntizova hagati y'ibirenge vyiwe, nyene vyo ataraza: uwo niwe amahanga azokwumvira. Itanguriro 49:10. Itangazo rikomeye rya Isirayeri ryahamijeko ukuza kwa Messiya kuri hafi. Ubuhanuzi bwa Daniyeli bwerekanye icubahiro c'ubwami bwiwe, ubutegetsi buzokurikirana ubwami bwose kw'isi, kandi nkuko umuhanuzi yavuze, buzohangama ibihe vyose, Daniyeri 2:44. Nubwo ari abantu bake batahura igikorwa ca Kristo, hariho icizere cinshi cuko hazoza Umwami akomeye azoshiraho ubwami bwiwe muri isilayeli, kandi ko azoza nk'umurokozi w'amahanga.

Igihe c'ukwuzura cari kigeze. ubumuntu bumaze kwononekara mugihe kirekire c'ugucumura, hari hakenewe umucunguzi."—*Uwipfuzwa ibihe vyoses* p. 34.

b. Nubwahe bubasha bwerekanywe n'igisato kinini gisa n'ikibengebenge? Ivyahishuwe12:3.

"Mubimenyetso vy'igisato kinini c'ikibengebenge, igikoko gisa n'ingwe, n'igikoko gifise amahembe ameze nkay'umwagazi w'intama, ubutegetsi bwari bwibanze cane kuguhonyanga amabwirizwa y'Imana no guhama abantu bayo, ivyo Yohana yeretswe." —*Ubusobanuro bwa Bibiliya bw'Abadiventiste b'umusi windwi* [E. G. White Comments], vol. 7, p. 972.

c. Kubw'ububasha bw'igisato, ni izahe ngorane ishengero na Messiya yahanganye nazo? Ivyahishuwe 12:4.

"Satani yari yarakoze kugira ngo akomeze mugishiraho ikinogo kinini hagati y'isi n'ijuru. Binyuze mubuhendanyi bwiwe yashishikarije abantu mu caha. Wari umugambi wiwe wari uwo kunaninaza ukwihangana kw'Imana no kuzimanganya urkundo rwayo ku kiremwa muntu kugirango ireke isi ije mubiganza vya satani."—Uwipfuzwa ibihe vyose, pp. 34, 35.

"Satani yanse Kristo mw'ijuru kubw'ikibanza ciwe mu bucamanza bw'Imana. Yamwanse cane igihe yari akuwe kuntebe, yanse uwitangiye gucungura ikiremwa muntu ca cumuye. Nubwo satani yavugako mw'isi ariho hari ubwami bwiwe Imana yemeye kurungika umwana wayo, aza nk'uruhinja ruto, rufise intege nke za kimuntu, yemera ko ahura n'akaga k'ubuzima nk'uko umuntu wese yohura navyo ari mu kaga ko gutsindwa no kubura ubuzima."—Ibid., p. 49.

## 3. INTAMBARA MW'IJURU

Tue, May 26

a. Ni iyahe shusho yo muri kahise yeretswe yohana, kandi ibi bisigura iki? Ivyahishuwe 12:7–9.

---

Ukugarariza amategeko y'Imana vyatangiriye mw'ijuru na Rusiferi, uwari akuriye abakerubi. Satani yipfuje kuba mukuru mw'ijuru, agire uburinganire n'Imana. Yatangiye igikorwa ciwe c'ubugarariji n'abamarayika kubw'itegeko ryiwe, arondera gukwiragiza hagati muribo impwemu yo kudahazwa. Yakoresheje uburyo bw'ubuhendanyi kuburyo benshi mu bamarayika bamwemereye imbere yuko intumbero yiwe imenyekana. N'Abamarayika bintahemuka ntibigeze bamenya imico yiwe canke ngo babone iyo igikorwa ciwe cerekeza. Igihe satani yaramaze kwigarurira abamarayika kuruhande rwiwe, yabigize icifuzo ciwe ko ari abamarayika bipfuzako yofata ikibanza ca Kristo yari afise.

Ububi bwakomeje gukora kugeza aho umutima wokutanyugwa ukura ukagarariza. Nuko haduka intambara mw'ijuru satani n'abamukurikiye baraneshwa. "—*Ubusobanuro bwa Bibiliya bw'abadventististe b'umusi w'indwi* [E. G. White Comments], vol. 7, pp. 972, 973.

b. Ni gute Itanganzo ryo mu vyahishuwe 12:1011 ryerekana ishigwa mungiro satani yirukanwa mugihe c'uburongozi bwa Yesu?

---

"Kristo yakurikiranye ishusho yivyari bigiye kuba mu ntambara yiwe yanyuma akoresheje amaso ya gihanuzi. Yarazi igihe ashobora gutangaza,"vyose birarangiye" ijuru ryose ritsinze. Ugutwi kwiwe kwumvise amajwi y'indirimbo ari kure n'amajwi y'intsinzi yo mw'ijuru. Yari azi yuko ico gihe ingoma ya satani izokugwaho, kandi izina rya Kristo rikamamazwa mubihugu vyose vyo kw'isi."—*Uwipfuzwa ibihe vyose,* p. 679.

"Umugambi wo gucungura wari ufise intumbero nini kandi yimbitse Ntivyari gusa ko Yesu aza kw'isi kugira ngo ababa kuri iyisi baboneko amategeko y'Imana akwiye kwubahirizwa imbere y'isi yose .. ariko igikorwa ciwe kwari ukwerekana kamere y'Imana imbere y'isi yose. Igikorwa ca Kristo mugupfa kubw'agakiza k'umuntu ntivyari kugirango abantu bashobore kuja mw'ijuru gusa, ariko imbere y'isi yose kwari ukwerekana ko Imana n'umwana wayo bari mukuri mu kuntu bitwaye kuvyerekeye kumugumuko wa satani, vyari ukwerekana ko amategeko y'Imana azokwamaho ibihe vyose. ."—*Abakurambere n'Abahanuzi,* pp. 68, 69.

## 4. INTAMBARA KW'ISI

Kuwa27Rusama

a. Ni giki cateje ingorane gishobora no kwibonekeza ubu mw'ishengero? Ivyahishuwe 12:12, 13.

---

"Satani azi yuko ubwami bwiwe yigaruriye ashobora kubwamburwa kumpera; yihaye intumbero yo kurandura uko ashoboye kwose ibiremwa vy'Imana vyaremwe mw'ishusho yayo. yanka umuntu kuberako Kristo yamweretse urukundo rw'imbabazi n'ikigongwe, yiteguriye gukoresha ubwoko bwose bw'ubuhendanyi kugira ngo amutakaze, yakomeje inzira yiwe n'inkomezi nyishi kubera ukwihebura kwiwe ."—*Ubusobanuro bwa Bibiliya bw'abadventiste b'umusi w'indwi* [E. G. White Comments], vol. 7, pp. 973, 974.

Intambara ihambaye hagati y'iciza n'ikibi izogenda yiyongera gushika kumpera y'ibihe. Mubihe vyose uburake bwa satani bwaragaragaye kw'ishengero rya Kristo; Imana yama iha ubuntu bwayo na Mpwemu yayo abantu bayo kugira ngo bashobore guhagarara imbere y'ububasha bw'umwansi. Igihe intumwa za Kristo zatwara ubutumwa bwiwe mw'isi ndetse no kubwandikira kugira ngo buzogume no mubihe vyose, bbahawe umuco wa Mpwemu mu buryo budasanzwe. Ariko ishengero ryegereje ugucungurwa kwa nyuma, satani azokora n'ububasha bukomeye n'ubwenge bwose bwiwe yaronse, ububi bwose bwateye imbere, muri izintambara zibihe birebire buzokoreshwa ku bantu b'Imana mu ntambara yanyuma kandi muri iki gihe cakaga, abigishwa ba Kristo bazotwara kw'isi icibutso c'igaruka rya kabiri rya 'Umwami, abantu bakwiye kwitegura kuzohagarara imbere ziwe kumusi wo kugaruka kwiwe, ata gasembwa. 2petero 3:14. Muri ico gihe impano ihambaye y'ubuntu n'inkomezi ntibizoba bigikenewe kw'ishengero gusumba muminsi ya gihanuzi. ."—*Intambara ihambaye,* pp. ix, x.

b. Sobanura ubunararibonye bw'ishengero mugihe c'imyaka 1260 yugukandamizwa no guhamwa. Ivyahishuwe 12:6, 14.

---

c. Nigiki cafashije guhagarika ibitero vy'abantu satani yari yateguye gukoresha kugirango arwanye abizera? Ivyahishuwe 12:15, 16.

---

"Igihe inkuru zakwiragira mu bihugu vy'iburayi, aho umuntu wese yashobora kwishimira ivyamwa vy'igikorwa ciwe no gukurikiza umutimanama wiwe, ibihumbi n'ibihumbi vyahungiye ku nkengera z'isi shasha.."—Ibid., p. 296.

## 5. AMASIGARIRA

Kuwa 28 Rusama

a. Nigute abizera bagaragara igihe uburake bw'igisato bwabaye bwinshi? Ivyahishuwe 12:17.

Umuhishuzi yihweje igihe cegereje, aravuga; Ico gisato kigirira wa mugore inzigo, kirigira ngo kigwanye abo muruvyaro rwiwe basigaye bitondera ivyagezwe n'Imana kandi bafise ibishingira Yesu intahe. Bamwe uyu munsi babaye kw'isi bazobona ayamajambo yuzura. Impwemu yarongoreye abantu guhama ishengero ryukuri mugihe cakera bazongera bahame muri ubwo buryo nyene ababaye abizigirwa ku Mana. Nanubu imyiteguro irakorwa kubw'iy'intambara yanyuma ihambaye. "—*Abakurambere n'abahanuzi,* p. 605.

b. Ni gute imico y'amasigarira yerekana isobanura ishengero mu minsi yanyuma? Ivyahishuwe14:12; 19:10.

"Ishengero ry'amasigarira rizomenyekanisha Imana n'amategeko yayo kandi rizogira impano yagihanuzi. Ukwubaha amategeko y'Imana na MPwemu y'ubuhanuzi vyamye vyerekana abantu b'ukuri b'Imana, kandi isuzumwa rihora ribigaragaza."—*Loma Linda Messages,* p. 33.

"Ishengero ry'amasigarira rizoshirwa mw'I geragezwa n'ibibazo. Abo bose bubahiriza amabwirizwa y'Imana bakizera Yesu bazoshikirwa n'uburake bw'igisato n'abagikurikira. Satani isi yayifashe nkaho ari igikoresho ciwe, yamaze kwigarurira abagize amashengero, ariko hano hari akagwi gato kanse uburongozi bwiwe."—*Ibishingira intahe ishengero,* vol. 9, p. 231.

"Kutubahiriza amategeko y'Imana no guhitamwo kwanka abo bose bubahiriza ayo mategeko, bizoyoborera benshi kuja muntambara mu ruhande gwig'isato, ico cakoresheje inkomezi zose mu kugwanya abakurikiza amategeko y'Imana." —Ibid., vol. 8, p. 117.

## IBIBAZO VYO KWISUZUMA KURI BURI WESE

Kuwa 29 Rusama

1. Nikuberiki ishenegro rigereranywa n'umugore muri Bibiliya?
2. Sigura ingorane Umwana w'Imana yagize mukuza mw'isi yihinduye umuntu.
3. Niryari kwirukanwa kwa satani mw'ijuru vyaherahejwe?
4. Sigura impamvu y'uburake bw'igisato kw'ishengero.
5. Ni ibiki bitwereka ishengero ry'amasigarira?

## AMASHIKANWA Y'ISABATO YA MBERE
### KUWA 6 RUHESHI, 2026



### INZU YOGUSENGERAMWO I Prague, Repubulika ya Czech (CEKE)

Prague. Repubulika ya Czech (CEKE) ni'igihugu co hagati I burayi, gihana imbibe n'Ubudagi, Poronye, Ositarariya, na Silovakia. Gikora kuri Bohamiya. agace ka mateka ka mashusho meza y'ibisagara, n'inyubakwa za kera z'abami, kandi gateye imbere ku migenzo n'umurage, aho Yohana Husss yatanguje igikorwa c'ivugurura mu mwaka wa 1369-1415. Ubu akaba ari igihugu giteye imbere, gifise abantu bagera ku miliyoni 10.5, abo abarenga imiroyoni imwe n'ibice bine baba hagati mugisagara PLAGUE.

Plague si igihugu c'amateka gusa ariko ni ikibanza aho abantu ibihumbi nibihumbi bakeneye ivya Mpwemu, benshi barondera insiguro y'ubuzima, icizere, n'amahoro mu mitima yabo. Mu banyagihugu, ibice bigera ku 47.5 kw'ijana baharugwa nkabatagira idini ba kukira, ibice bigera ku 11.7 kw'ijana ni aba kristo, muribo 9.3% ni Abakatorika, 2.4% ni ayandi madini ya gikristu,10.8% ni abo muyandi madini. Igikorwa c'Abadventiste b'umusi w'indwi bavugururа hano muri iki gisagara catangiye mukwezi kwa gatanu umwaka wa 2014, twari dufise abantu batatu gusa mw'ikoraniro rya mbere . Munyuma mu kwezi kw'icenda umwaka wa 2020 umu Pastori arikumwe n'umuryango wiwe yarungitswe kuvuga ubutumwa bw'ukuri bw'Agakiza ku mitima yazimiye

"Uyu munsi, Ishengero ryo muri plague rigizwe n'abakirisu 30 hamwe n'abagomba kwinjira bitegura kubatizwa, bose hamwe bagera ku 70. Ubu amasengesho akorerwa mukibanza gikoswe, ariko ishengero ririko rirasengana umwete kugira ngo rironke amahirwe yo kugura ikibanza no kwubaka inzu yogusengeramwo aho abantu b'Imana bashobora gukoranira ,bagakomezwa mu kwizera , bagasangiza umuco w'ukuri kuri abo bose babazengurutse. Inzu y'Imana yo gusengeramwo ibwirizwa kuba muburyo buhuye n'icubahiro cayo n'ubwiza bwayo"—*Ibishingira intahe ishengero,* vol. 5, p. 268.

Bene Data na bashiki bacu, uyu munsi twahezagijwe akaryo ko kugira ico dukoze muri iki gikorwa gikomeye c'Imana. ituro ryawe ni ukubitsa ubutunzi bwawe ibihe bidahera, mugukiza imitima no gukomeza inshengero I burayi. Senga musabe uburongozi bw'Imana, mugufasha muri uyu mugambi, no gusangiza abandi. Imana ihezagire uwo wese agiye kugira uruhare muri iki gikorwa bivuye kumutima.

"Mwese tubashimira Imana imisi yose, tubahoza mu kanwa uko dusenze" (1 Abitesaronike 1:2). Bene so n'abashiki banyu I Plague

ISABATO YO KUWA 6 RUHESHI, 2026

**IGIKOKO HAMWE N'IKIMENYETSO**

**ICIGWA CA 10**

**Umurongo wo gufata k'umutwe:** "Kigerako bose, aboroshe n'abahambaye, n'abatunzi n'aboro, n'abidegemvya n'abagurano, bashigwako ikimenyetso ku kiganza c'iburyo canke mu ruhanga" (Ivyahishuwe13:16).

**Ibitabo vyifashishijwe:** *Intambara ihambaye,* pp. 439–450.

Amahembe nkay'intama n'ijwi ry'igisato ikimenyetso cerekana ukutumvikana gukomeye hagati y'ivyo igihugu kivuga n'ivyo gikora."—*Intambara ihambaye,* p. 442.

## 1. IGIKOKO KIVANGAVANZE

Kuwa31rusama

a. Nibiki Yohana yabonye mu vyahishuwe 13:1 (ahatangira), kandi nigute dutahura ibi mu muco w'ivyigwa vyacu vyo muri Daniyeli 7:3?

b. Nigiki dushobora kwigira kukuntu bimwe mubimenyetso biboneka vy'igikoko gifitaniye isano n'ibikoko bine twize ubwambere? Ivyahishuwe 13:2; Daniyeli 7:4–6.

Mugice ca 13 imirongo ya 1-10 herekana ikindi gikoko kimeze nk'ingwe, ico igisato cahaye ububasha bwaco n'intebe yaco, n'ubutware bwaco buhambaye. Iki kimenyetso, nk'uko benshi muba porotestanti bavyizera, caserukira ubupapa, gifise ububasha, intebe n'ubutware ubwo bwari bufiswe na Roma ya kera. Ku gikoko kimeze nk'ingwe havuzwe ngo: gihabwa akanwa ko kuvuga ibihambaye n'amajambo yamarogotano. Kibumbura akanwa kaco mu kurogota ku Mana, no gutuka izina ryayo, nahantu hayo hogusengera nababa mwijuru: gihabwa ububasha bwo kugwanya abera no kubanesha, gihabwa ububasha no ku moko yose, indimi zose n'amahanga yose. Ubu buhanuzi, ubwo bugomba gusa cane n'ubusobanuro bwa gahembe gato ko muri Daniyeri 7, ntakabuza bwerekeza ku bupapa.

Mubihugu vyinshi vyo muburayi ubutegetsi bwamazigihe butegeka ishengero no mugihugu bwagenzurwa na satani binyuze mubupapa."— Ibid., pp. 268, 269.

## 2. UBUBASHA BUTOTEZA

Kuwa 01. Ruheshi

a. Nigute ishusho y'igikoko yemejwe hisunzwe igihe c'ubutegetsi bwaco? Ivyahishuwe13:5; Daniyeil 7:25.

Ububasha bwatanzwe kugirango bubandanye amezi mirongo ine n'abiri, umuhanuzi aravuga ati: kandi nabonye umwe mumitwe yiwe nk'uwakomerekejwe n'urupfu, kandi uwujana abandi mubunyagano nawe azojanwa mubunyagano: kandi nuwicisha inkota nawe azokwicishwa inkota. Amezi mirongo ine nabiri niyo: igihe, ibihe n'igice c'ibihe. igihe kigabuye, imyaka itatu n'igice, canke iminsi 1260, yo muri Daniyeli 7, igihe ico ubutegetsi bw'ubu papa bwakandamiza abantu b'Imana . Iki kiringo catangiranye n'ubutegetsi bwagipapa mu 538 A.D. kirangira mu mwaka wa 1798. Ico gihe Umupapa yagizwe inyagano n'ingabo z'abafaransa, Ubutegetsi bw'ubupapa burakomereka, iryavuzwe riraranguka, 'uwujana abandi mubunyagano nawe azojanwa mubunyagano.'' "—*Intambara ihambaye,* p. 439.

b. Nigute ubutegetsi bw'igikoko gisa n'ingwe bwari kuzorangira? Ivyahishuwe13:3 (ahatangira), 10.

c. Ni ivyahe bikorwa vy'igikoko? Ivyahishuwe 13:6–8.

Ubutegetsi bwa Roma mubihugu vyari vyaramenyesheje uburongozi bwaco ntiburahona. Ubuhanuzi buhanura ko ububasha bwaco buzogaruka. 'muri yamitwe yaco mbonamw'umwe usa nukomeretse akagirire: uruguma rwokishe rurakira. isi yose ikurikira ico gikoko bagitangarira' (umurongo wa3). Ukwo gukomereka gukomeye vyasobanura ugusenyuka kw'ubupapa mu 1798. Inyuma yibi, umuhanuzi aravuga: uruguma rwokishe rurakira. isi yose ikurikira ico gikoko" Pawulo avuga neza ko umuntu w'icaha azokomeza kugeza kukugaruka kwa kabiri kwa Kristo. 2Abitesaronike 2:3-8. Kumpera y'ibihe azokomeza gukora ibikorwa vyubuhendanyi. Umuhishuzi nawe aravuga yerekeza kubupapa: ababakw'isi bose bazogisenga, abo amazina yabo atanditswe mugitabo c'ubugingo. Ivyahishuwe 13:8. mubihuguvyose haba mw'ihanga ryakera canke risha, ubupapa buzohabwa icubahiro binyuze mukwubahiriza itegeko ryogusenga kumunsi wambere w'iminsi ndwi, ushingiye gusa kubutware bw'ishengero rya roma—Ibid., p. 579.

## 3.GISA N'UMWAGAZI W'INTAMA

Kuwa 2, Ruheshi

a. Ni ubwahe butegetsi bushasha bwaje munyuma yaho ububasha bw'ubupapa bwagize uruguma rwobwishe? Ivyahishuwe13:11.

"Igikoko gifise amahembe nkayumwagazi w'intama, cazukurutse mw'isi, aho gukura ubundi butegetsi cishirireho ubwaco, ihanga riserukirwa nico gikoko cari guseruka ahantu hatari ubundi bubasha, rikazokura buhorobuhoro kandi mwituze. Ntivyashobokako rero kivyuka hagati y'ibihugu vyinshi ngo kibigwanye giteze umudurumbanyo mubantu, amahanga, indimi. Categerezwa kurondera ku mugabane w'uburengera zuba.

"Nicahe gihugu c'isi nshasha co mu 1798 ciyerekanye, cerekana inkomezi n'ubukuru, congera kwigarurira isi? ico kigereranyo nticashobora kwibeshwa. Igihugu kimwe gusa nico gihuza ubu busobanuro bw'ubuhanuzi, bidoma urutoke neza ata kwihenda ni: Reta zunze ubumwe bw'Amerika.

Igikoko cabonekanye kiva mw'isi, ubusobanuro kandi nkuko umwanditsi w'amateka abivuga, ijambo ryahinduwe 'kiva' risobanura neza 'gukura kwiryo hanga.' gukura nk'igiti. Iryohanga ryategerezwa kuba ahantu hatari ubundi butegetsi..................

"Cari gifise amahembe abiri nkay'intama. Ayo mahembe nkay'intama asobanura ubuto, ubupfasoni, ubugwaneza, vyerekana neza imico ya reta zunze ubumwe igihe vyerekwa Umuhanuzi mu 1798. Mu bakristu bahungiye ubwambere muri Amerika barondeye ubuhungiro kubw'ugukandamizwa n'akarenganyo k'ubupapa benshi bironderera gushiraho uburongozi bushingiye kukwigenga kwigihugu no mu vy'ukwemera. Ivyiyumviro vyabo vyari kuguharanira ubwigenge, bisobanura neza ukuri ko abantu bose baremwe bangana kandi ko bafise uburenganzira budakuka mu buzima, ubwigenge, no kurondera umunezero. Nayo ibwirizwa nshingiro ryahaye abantu uburenganzira bwo kwiyobora, hashigwaho abaserukizi batowe n'abantu gushiraho amategeko y'uburongozi. Ubwigenge muvyamadini bwaratanzwe, umuntu wese yemererwa gusenga Imana nkuko umutima wiwe ubimusaba. Ivyiyumviro vya reta ni vyagi protestanti vyabaye ishingiro ry'igihugu. Ibi nivyo vyabaye ibanga ry'ubushobozi n'ugutera imbere bwaryo ku bantu bahohotewe n'abacinyizwa kubwubukirisu bahindukiriye iki gihugu n'icizere. Abenshi bimukiye ngaho, maze reta zunze ubumwe za amerika zirashika kurugero rwo kuba mu bihugu bikomeye cane kw'isi. "—*Intambara ihambaye,* pp. 440, 441.

## 4. KIVUGA NK'IGISATO

Kuwa 3 Ruheshi

a. Ni ubwahe bubasha buzoba, busunitswe n'igikoko gisa n'umwagazi w'intama? Ivyahishuwe 13:12, 16.

"Amahembe nk'ayumwagazi w'intama n'ijwi ry'igisato mu bigereranyo vyerekana ukuvuguruzanya gukomeye kuri hagati y'ivyo iryo hanga rivuga hamwe n'ibikorwa vyaryo. Ukuvuga kw'igihugu bisigura igikorwa n'ububasha bw'amategeko yaco hamwe n'ingingo gifata mu bucamanza bwaco. Kubw'uko kuvuga rero, ico gihugu kizovuguruza amabwirizwa ngenderwako y'umwidegemvyo n'amahoro ariyo cavuze ko ariyo mushinge w'intwaro yaco. Ivyo ubuhanuzi buvugako kizovuga nk'igisato' kandi kikaganzisha ububasha bwose bwa ca gikoko ca mbere, vyerekana ukwiyongera kw'impwemu yo kutihangana no guhama yagaragajwe n'ubutegetsi bwagereranijwe n'igisato hamwe n'igikoko casa n'ingwe. Kandi amajambo ngo igikoko c'amahembe abiri kigobera isi n'abayibako gusenga ca gikoko ca mbere, yerekana ko ububasha bw'ico gihugu buzokoreshwa mu guhatira abantu kugira bimwe bubahiriza kandi kizoba igikorwa co guha icubahiro ubupapa.

"Ico gikorwa coba gihabanye rwose n'amategeko y'iki gihugu, gihabanye n'umwidegemvyo, hamwe n'amasezerano ari mw'itangazo ry'ukwikukira no mw'ibwirizwashingiro. Mu buryo bwuzuye ubwenge, abashinze iki gihugu bashaka kwirinda gukoresha intwaro y'isi ku ruhande rw'ishengero, banirinda n'inkurikizi zitabura kubaho arizo kutihanganirana no guhama. Ibwirizwashingiro rivuga ko "Inama nkuru y'igihugu itazokwigera ishinga itegeko rijanye no gushinga idini canke ribuza umwidegemvyo wo kuyoboka idini", rikavuga kandi ko "nta suzuma mu vy'idini rizosabwa nk'icemezo c'uko umuntu ahabwa ubutware muri Reta zunze ubumwe z'Amerika. Ubutegetsi bwa Reta bushobora kugobera abantu kwubahiriza ivy'idini ivyari vyo vyose, iyo habayeho gusa guhonyanga ayo mabwirizwa aharanira umwidegemvyo w'igihugu"—*Intambara ikomeye,* p. 442.

b. Ni gute uku guhatira abantu kwakira iki kimenyetso c'igikoko bizokwegera Reta zunze ubumwe z'Amerika guhona? imigani 14 :34; Zaburi 119 :126.

"Buri kinyejana co kwononekara cagiye cibikira uburake umusi wabwo, kandi igihe nikigera, ibigabitanyo bikuzura, Imana izokora ikintu kidasanzwe. Bizobonekana ko ari ikintu giteye ubwoba kubona kwihangana kw'Imana kutakiriho; kuberako uburake bw'Imana buzosukwa mu buryo bugaragara ko nta mbabazi zirimwo kandi isi izosigara ari umusaka. Igihe c'ubuhakanyi ku rwego rw'igihugu, igihe abarongozi bazoba bagendera ku mategeko ya Satani, aho niho bazoja ku ruhande rwa Sekibi. Aho niho igihe co kugabitanya kizuzura. Ubuhakanyi ku rwego rw'igihugu ni ikimenyetso co guhona kwaco"—*Ubutumwa bwatoranijwe,* bk. 2, p. 373.

## 5.IKIMENYETSO C'IGIKOKO

Kuwa 4 ruheshi

a. Ni icahe kimenyetso c'ubutegetsi bwa Roma? Daniyeli 7:25.

---

"Nk'ikimenyetso c'ubutware bw'ishengero Katolika, abanditsi babo baravuga bati: " Igikorwa co guhindura umusi w'isabato igashirwa ku musi wa mbere, cemerwa n'abaprotestanti.... Kubera ko igihe bahimbaza umusi wa mbere, baba bemeye ubutware ishengero Katolika rifise ryo kweza imisi mikuru, kugeza igihe bibagwishije mu caha'—Henry Tuberville, *An Abridgment of the Christian Doctrine*, page 58. Guhindura isabato niki kindi kitari ikimenyetso c'ubutware bw'ishengero ry'I Roma; arico kimenyetso c'igikoko? . . ."Igihe abantu bazogobererwa kuruhuka umusi wa mbere, kandi isi igahabwa umuco werekeranye n'itegeko ry'isabato nyakuri, ico gihe umuntu azokwica itegeko ry'Imana, akumvira itegeko ryanshinzwe na Roma, azoba ahaye icubahiro ubupapa kuburutisha Imana"—*Intambara ikomeye,* pp. 448, 449.

b. Sobanura urugero rwanyuma rw'umugwi muto umurikira imitima kubijanye n'ukuri n'uwundi uhatiriza gukurikiza ikimenyetso c'igikoko. Ivyahishuwe13:13–15; 16:13, 14; Matayo 24:14, 24.

---

"Ishengero rizokwitabaza ukuboko kwa Reta, kandi muri ico gikorwa, ubupapa n'ubuprotestanti bizokwifatanya. Igihe itegeko ryo kugoberera abantu gusenga ku musi wa mbere rizokomera kandi rigafatirwa ingingo, iryo tegeko rizokwifashishwa mu kurwanya abitondera ivyagezwe. Bazocibwa amande bashirwe no mu mabohero, abanda bazohendeshwa guhabwa ibibanza vy'icubahiro, abanda bemererwe ingororano n'ubundi bushimwe; ngo babakure mu kwizera kwabo. Ariko inyishu yabo izoba ikiri iyi ngo "Nimutwereke mw'ijambo ry'Imana ikosa twakoze nk'uko Luteri yishuye igihe yasabwa kwiregura. Abajanywe mu masentare bahagarariye ukuri, kandi bamwe mu babumvise vyabateye gufata ingingo yo kwitondera ivyagezwe vyose vy'Imana. Uko niko umuco uzorasira abantu ibihumbi vyinshi batokwigeze bamenya ukuri"—Ibid., p. 607.

## IBIBAZO VYO KWISUZUMA KURI BURI WESE

Kuwa 5 Ruheshi

1. Ni gute bimwe mubiranga igikoko co muri Daniyeli 7 bitwerekeza muri Roma?
2. Vuga kandi uburyo butandukanye bwo guharura imyaka 1260 y'ububasha bw'ubupapa.
3. Kuberiki uruguma rwica rutabaye mugihe c'urupfu rw'igikoko?
4. Ni icahe kirango kimwe ca reta zunze ubumwe cashushanijwe n'amahembe y'intama?
5. Mbega abantu basenga kumunsi wambere w'iminsi indwi boba baramaze kwakira ikimenyetso c'igikoko?

ICIGWA CA 11

ISABATO YO KUWA 13 RUHESHI, 2026

## ABAMARAYIKA BATATU

**Umurongo wogufata ku mutwe:** "Aho niho ukwihangana kw'abera guserukira, bitondera ivyagezwe n'Imana n'ukwizera Yesu" (Revelation 14:12).

**Ibitabo vyifashishijwe:** *Inyandiko zakera*, pp. 232–261.

"Neretswe intambwe zitatu z'ubutumwa bwa Marayika wambere, uwakabiri n'uwagatu. Umumarayika yankurikira aravuga ati: aravumwe umuntu azimura akabuye canke agakurako akantu gato muri ubu butumwa. Ugutahura ukuri kw'ububutumwa bigomba kuba ivyingirakamaro."—*Inyandiko za kera,* p. 258.

## 1.ABAMARAYIKA MU VYAHISHUWE

Kuwa 7 Ruheshi

a. Gereranya wongere utandukanye ubwoko bw'abavuga ubutumwa berekanywe n'abamarayika. Ivyahishuwe 1:20; 10:1, 5; 11:1; 22:8.

---

b. Ni gute Imana irungika ubutumwa kuri buri wese kw'isi? Abaroma10:13–15.

"Nkabaserukizi bayo, Imana ntiyigera ihitamwo abamarayika bayo batacumuye, ariko ikoresha abantu bitanga bameze nkabo bariko barondera gukiza. Abagabo n'abagore bajejwe ukuri kwo kumenyekanisha ubutunzi buhambaye bwa Kristo butagira aho buherera.' Efeso 3:8."—*Ivyakozwe n'intumwa* p. 134.

"Tugomba kuba abakozi bakorana n'Abamarayika b'ijuru mukumenyekanisha Yesu mw'isi, kuberako umuntu ategerezwa kuba umuhora uwo ivuganiramwo n'umuntu. Igihe tugize ukwitanga kuri Kristo bivuye ku mutima, Abamarayika bazonezezwa no gushobora kuvuga binyuze mu majwi yacu mu guhishura urukundo rw'Imana."—*Uwipfuzwa ibihe vyose ,* p. 297.

c. Ninde yagereranijwe n'abamarayika bo mu vyahishuwe14:6–12 hamwe n'igikorwa cabo? Matayo28:19, 20; Acts 1:8.

---

"Abamarayika berekanywe nkabaguruka hagati y'ijuru, batangaza ubutumwa bw'imburi, ariko nta muntu yumva ijwi ryabo b'Abamarayika, kuko ari ikimenyetso c'abantu b'Imana bakorera m'ubumwe n'ijuru." —*Ubutumwa bwatoranijwe,* bk. 2, p. 387.

## 2. UMUMARAYIKA WAMBERE

Kuwa 8 Ruheshi

a. Ni kuri bande ubutumwa bwa Marayika wa mbere yajanye ubutumwa bwiwe? Ivyahishuwe 14:6.

“Ikanguro rikomeye muvya madini binyuze mukumenyesha ukugaruka kwa Kristo kuri hafi, nk’uko vyahanuwe mubuhanuzi bwo mubutumwa bwa Marayika wambere wo muvyahishuwe 14......
Ukuguruka kwa marayika hagati mw’ijuru, ‘ijwi rirenga ryo gutangaza imburi, no kuburira ababa kw’isi bose, Amahanga yose, ku miryango yose, indimi zose, no kubantu bose, vyerekana ukwihuta ndetse no kwiyongera kw’isi yose’”—*Intambara ihambaye* p. 355.

b. Nigute ubutumwa bwa Marayika wa mbere buduhamagarira ku Mana nk’Umuremyi? Ivyahishuwe 14:7; Itanguriro 1:1; Efeso3:9.

c. Nimwiyumvire ukuntu umugwi w’abategereje wakiriye ubutumwa bwa Marayika wa mbere hamwe n’urubanza mu kwigisha kwabo ko Kristo ari hafi kugaruka. Daniel 7:26, 27; 8:14; Acts 17:30, 31.

Miriliyamu milele n’abagenzi biwe bahawe imburi yo kuburira Amerika. iki gihugu cari cahindutse ihuriro ry’abategereje. aha niho ubutumwa bwa Marayika wambere bwashiliye neza. Inyandiko za Milere nabo barikumwe zashitse no mubihugu vyakure. Aho abavugabutumwa bari barashitse hose harungitswe inkuru nziza yukugaruka kwa Kristo ko kuri hafi. Ubutumwa bw’ibihe bidashira bwarakwiragijwe hose : Mwubahe Imana muyihimbaze kuko igihe curubanza rwayo gishitse.
Ubuhamya bwivyahanuwe bwerekanako Kristo azogaruka mu 1844 bwafashe cane mumitima y’abantu. Ubutumwa bwagenda bushika muntara imwe no muyindi, haboneka ikanguro rikomeye bakirana umunezero ukuri. Abenshi baremeye ivyavuzwe kuvyahanuweko ari ukuri, maze bareka ukwishigikira, bamwe muba saseredoti baretse ivyiyumviro vyamadini yabo bifatanya mukubura ko Yesu ari hafi. Ariko abapasitori bemeye ubutumwa bari bake cane, nicogituma bwashizwe cane kubantu basanzwe. uko ishengero ryari mubugome n’isi yibereye mu bibi ivyo vyabaye umutwaro kumitima yabahagarariye ukuri, bihanganiye umuruho, no kubabazwa kugira bahamagarire abantu kwihana no gukizwa. Naho sataniyababangamiye igikorwa cakomeje kuja imbere, kandi ukuri kwa Kristo kwakirwa nabenshi.”—Ibid., p. 368.

## 3. UMUMARAYIKA WA KABIRI

Kuwa 9 Ruheshi

a. Niki Umumarayika avuga kubijanye nuko ishengero ryiyita irya Kristo muvya Mpwemu ? Ivyahishuwe 14 :8.

“Iyo vino niyahe ? ni ubuhendanyi bwiwe. Yatanze mw’isi isabato y’ikinyoma mukibanza c’Isabato ibonekana mw’itegeko rya kane, asubiramwo ubuhendanyi nkubwo satani yakoresheje kuri Eva muri Eden, ko ubugingo ari ubwigihe kidahera. Yakwiragije amakosa menshi ahantu hose yigisha inyigisho n’amategeko yabantu. (Matayo 15 :9).”—*Ubutumwa bwatoranijwe,* bk. 2, p. 118.

“Babuloni yabaye ho ikwiragiza inyigisho z’uburozi,vino y’ubuhendanyi, Iyi vino iyovya igizwe n’inyigisho z’ibinyoma, nk’uko ubugingo ari ubwibihe vyose kunkozi zikibi zitoteza,zihakana ko Kristo yahozeho imbere yuko avukira I beterehemu,hamwe noguteza imbere no gushira hejuru umusi wambere w’iminsi indwi mukibanza c’umunsi w’Imana wera kandi wejejwe, Aya makosa agaragazwa mw’isi n’amashengero atandukanye, kandi n’ivyanditswe birabivuga :kuko amahanga yose yanyoye kuri vino y’uburake bw’ubusambanyi bwiwe. ”—*Testimonies to Ministers,* pp. 61, 62.

b. Sobanura ingene abizera babategereje batahuye ukubabazwa kwabo kwambere, bakamenya iherezo ry’ukuri kw’iminsi 2300, n’umuhamagaro wabo wo kwitandukanya nabo bose banse ubutumwa. Habakuki 2 :3; Matayo 25:6.

“’Mu mpeshi y’umwaka wa 1844, hagati mugihe co kwibaza ko iminsi 2300 yari igiye guhera, nigihe co kwiyumvirako izorangira mu mpeshi yuwo mwaka nyene, ubutumwa bwashikirijwe mu majambo yivyanditswe : Ehe umukwe araje

“Ivyo vyayoboreye uwo mugwi kuvumbura ko itegeko rya Aritazerusi ryo gusubira kwubaka Yerusaremu, ryari ishingiro ry’igihe c’iminsi 2300, ryatangiye gukora mu mpeshi yo mu mwaka wa 457 BC, Atari muntango zuwo mwaka nk’uko vyari vyitezwe imbere. Uharuye uhereye mu mpeshi zumwaka 457, iminsi 2300 yariguhera mu mpeshi z’umwaka 1844.”—*Intamabara ihambaye,* pp. 398, 399.

“Nkuko amashengero yansekwakira ubutumwa bwa Marayika wa mbere, bakanka umuco uva mwijuru, bakaja kure y’ukugiraneza kw’Imana, bizigiye inkomezi zabo banka ubutumwa bwa mbere, bishize bo ubwabo aho badashobora kubona umuco w’ubutumwa bwa Marayika wa kabiri. Ariko abakunda Imana, bahuye nibigeragezo, bakemera ubutumwa, Babuloni yararimbutse, bava mu mashengero.” —*Inyandiko za kera,* p. 237.

## 4. UMUMARAYIKA WA GATATU

Kuwa 10 Ruheshi

a. Ni iyahe mburi iteye ubwoba y'Umumarayika wa gatatu ? Ivyahishuwe14:9–11.

"Ubutumwa bwa Marayika wagatatu bukubiyemwo ikintu giteye ubwoba cane cerekeza kurupfu. Nicaha gikomeye kituma Imana izosuka uburake bwayo butarimwo imbabazi. abantu ntibagomba kuguma mu mwiza kubijanye n'iki kintu gihambaye; imburi kuri iki caha igomba gutangwa imbere yuko urubanza rw'Imana rushika, kugirango bose bamenye impamvu bigomba kuzoba, kandi bagire akaryo ko kubihunga. Birerekanwa mubuhanuzi nk'uko vyavuzwe mw'ijwi, n'Umumarayika aguruka hagati mu majuru, kandi bizokora kwisi yose"—*Intambara ihambaye* pp. 449, 450.

b. Mugihe c'ubutumwa bwa Marayika wa gatatu, nigute abera bamenyekana? Ivyahishuwe 14:12.

Abasenga Imana bazomenyekana hisunzwe kukuntu bitondera ibwirizwa rya kane, kuko iki arico kimenyetso c'ubushobozi bw'Imana mwirema kandi bikaba n'igihamya co kumenyesha umuntu gucishwa bugufi no kuyubaha, Kukibazo c'ingorane kuba kristo bazogaburwamwo imice ibiri, hazoba abakomeza amategeko y'Imana kandi bafise ukwizera kwa Yesu, n'abandi basenga igikoko n'igishushanyo caco, bakakira ikimenyetso caco. Nubwo ishengero n'ibihugu bigashira bikunga ubumwe, bagahatira bose aboroshe n'abahambaye, abatunzi n'aboro, n'abidegemvya n'abagurano, kwakira ikimenyetso c'igikoko, ariko abantu b'Imana nti bazocakira. Ivyahishuwe 13:16"—*Ibishingira intahe ishengero*. vol. 9, pp. 16, 17.

c. Nigute ijwi ry'ubutumwa bwa Marayika wa gatatu bwasobanuwe? Ivyahishuwe 7:2, 3.

"Munama yabereye I Dorchester massachutts, mukwezi kwa cumi na kumwe ,1848, nahawe amayerekwa namamaza ubutumwa bwo gushigwa ko ikimenyetso, hamwe n'icete c'abavandimwe co gusohora umuco wariko waka munzira yacu. Mvuye mu mayerekwa, nabwiye umugabo wanje: ndagufitiye ubutumwa, utegerezwa gutangira gukwiragiza udupapuro twanditseko duto ku bantu, kabe gato ubwambere; ariko uko bazodusoma bazokubwira uburyo bwokubikora, iyi izoba ari intsinzi yambere. Iyi ntambuko yambere yanyeretseko ngomba kuba isoko yumuco umurikira isi yose.

## 5. IRANGIRA RY'UBUTUMWA

Kuwa 11Ruheshi

Nigute umugisha waseranywe uzoshitswa kubijanye nabapfuye bizeye mugihe c'itangazwa ry'ubutumwa bwa Marayika wagatatu? Ivyahishuwe 14:13; Daniyeli 12:2.

"Hari mw'ijoro hagati Imana ihitamwo kurokora abantu bayo, mugihe abanyakibi babahama, ako kanya izuba ribamurikira munkomezi zayo zikomeye, n'ukwezi kuguma kwaka. Abanyakibi bihweje ibiriko biraba bitangaje, mugihe abera bihweza bafise umunezero mwishi, n'amajwi yo gucungurwa, ibimenyetso, n'ibitangaza bikurikirana. ikintu cose caboneka ko gisubiye mwishusho yaco karemano. Amasoko arakama, haba umwiza, ibicu bikomeye bikubitana nibindi, ariko hari ikibanza kimwe c'ubwiza, ahavuye ijwi ry'Imana rimeze nkamazi asuma, ijuru n'isi biranyiganyiga. Haba nyamugigima ikomeye, imva ziruguruka, abapfuye bizeye ubutumwa bwa Marayika wa gatatu, bagakomeza n'isabato, bavuye aho bari basinziriye, bahimbaza, bumviriza isezerano ry'amahoro Imana yagiranye n'abakomeza amategeko yayo."—*Inyandiko za kera,* p.285.

b. Nigiki kizoba mumpera z'ubutumwa bw'Abamarayika batatu? Ivyahishuwe 14:14–16; Mariko 4:26–2

"Nabonye abamarayika baja hirya no hino mw'ijuru. Umumarayika afise ikaramu n'inkono y'icumu y'umwanditsi iruhande rwiwe, avuye mw'isi, abwira Yesu ko igikorwa ciwe caheze, kandi ko abera baharuwe kandi badomweko ikimenyetso. Ako kanya mbona Yesu uwari arimbere y'isandugu irimwo amategeko icumi aterera hasi igicaniro c'imibavu, amanika amaboko yiwe avuga n'ijwi rirenga: Birarangiye!' "—Ibid., p. 279.

## IBIBAZO VYO KWISUZUMA KURI BURI WESE

Kuwa 12 Ruheshi

1. Nikuberiki Imana yakoresheje ikiremwa muntu mukwigisha ubutumwa?
2. Nigute ubutumwa bwa Marayika wa mbere bwageze mw'isi?
3. Sigura impamvu hatanzwe ubutumwa bwa Marayika wa kabiri.
4. Vuga itandukaniro ry'ubutumwa bwa Marayika wagatatu bwashimangiye?
5. Nigiki kizoba inyuma y'ubutumwa bw'Abamarayika batatu igihe buzoba burangiye?

# UMUHAMAGARO UHERUKA

**Umurongo wogufata kumutwe:** "Hanyuma yivyo mbona Umumarayika wundi, amanuka avuye mw'ijuru, afise ubutware buhambaye, isi iboneshrezwa n'ubwiza bwiwe." (Ivyahishuwe 18:1)

**Ibitabo vyifashishijwe:** *Intambara ihambaye,* pp. 603–612.

"Igikorwa gihambaye c'ubutumwa ntikizorangira mukugaragaza ububasha buke bw'Imana gusumba mw'itangira ryaco."—*Intambara ihambaye,* p. 611.

## 1. BABURONI IHAMBAYE

Kuwa14 Ruheshi

a. t Sigura ibitangaza Yohana yabonye kw'ishengero rizwi nka Babuloni. Ivyahishuwe17:1–6.

"*Umugore 'Baburoni' wo muvyahishuwe17.'* yerekanywe yambaye impuzu y'inyambarabami n'iyagahama, yari yisakaje inzahabu n'utubuyenge twigiciro kinini n'imaragarita, afise igikombe c'izahabu mu minwe cuzuye ibihumanya n'imyanda n'ubusambanyi bwiwe. Mu ruhanga afise izina ry'akabanga, ryanditswe ngo Baburoni ihambaye, nyina wabamaraya, kandi nyina w'ibihumanya vyo mw'isi.
Ubutegetsi bwamaze ibinyenjana vyinshi buganza mugihe c'abakirisu ni roma. amarangi y'agahama, imaragarita, inzahabu, utubuyenge twagaciro, vyerekana neza ubwinshi n'ubwibone bw'icicaro ca Roma Kandi ntabundi butware bwovuga ko bwanyoye amaraso y'abera nk'iryo shengero ryagiye rigirira nabi abigishwa ba Kristo. Baburoni yagize uruhara muvyaha mukwiyunga n'abami bo mw'isi. Binyuze mukwitandukanya n'Imana no kwifatanya n'abapagani, ishengero ry'abayuda ryahindutse maraya, na roma, yandura muburyo bumwe mukurondera inkomezi z'ububasha bw'isi, ikaronka ugucirigwa urubanza."— *Intambara ihambaye,* p. 382.

b. Nigute ubu bushobozi buzorangira? Ivyahishuwe 17:15–18.

## 2. UWUNDI MARAYIKA

Kuwa 15 Ruheshi

a. Sigura ukuza kwa marayika aboneka mu vyahishuwe18:1.

"Ubutumwa bw'Abamarayika bubwirizwa gushirwa hamwe, bugatanga umuco w'ubutatu kw'isi. Mu vyahishuwe, Yohana aravuga: Nuko mbona uwundi marayika amanuka ava mw'ijuru, afise ububasha buhambaye, isi imurikirwa n'ubwiza bwiwe. Ivyahishuwe 18:2–5] ibi bisobanura ugutanga ubutatu bw'ubutumwa bwanyuma, bwokuburira isi. ."—*Ubusobanuro bwa Bibiliya bw'abadventiste b'umusi w'indwi* [E. G. White Comments], vol. 7 p. 985.

"Ishengero n'ububiko bw'ubutunzi bwa Kristo; kandi muri ryo niho bizobonekera, ndetse haba mu bubasha n'ababa mw'ijuru, bibonekera bwanyuma mu rukundo rw'Imana."—*Ivyakozwe n'Intumwa* p. 9.

b. Niki icubahiro c'Umumarayika gisobanura, kandi nigute ibi vyerekanwa? Zaburi 29:1, 2; Yohana 17:22, 23.

"Igihe hirengagijwe kugira imico, ubwiza bw'ubugingo bukabura, no gucishwa bugufi bikabura, ubwibone no kugaragaza urukundo bisabwa n'ishengero rikomeye, ibisharizo imigenzo, ariko muri ibi vyose Imana ntiyubahwa; ntiha agaciro ishengero ryayo kubw'inyungu z'ibiboneka inyuma, ahubwo n'ukwubaha kuritandukanya n'isi. Iripima hakurikijwe ugukura kwabarigize mu kumenya Kristo, no mu bunararibonye bwomw'iterambere ryabo mu vya Mpwemu." —*Abahanuzi n'Abami,* pp. 565, 566.

c. Nigute Imana yerekanye ubwiza bwayo, igihe Mose yasaba kububona? Kuvayo 33:18, 19; 34:5–7.

"Ubwiza nyezina bw'Imana bubonekera mu mico yayo. Umuco wayo ukayanganira kuri buri rupapuro rwo muvyanditswe vyiwe. Ukugororoka kwa Kristo, ntikugira agatotsi, gukayangana nk'umuringa, utagira ingese canke uducafu, ntagikorwa c'umuntu gishobora guteza imbere impano y'Imana ikomeye kandi yagaciro idafise inenge."—*Imigani ya Kristo,* p. 115.

"Iyi mico yerekanywe m'ubuzima bwa Kristo, binyuze mu karorero kiwe ashobore gutsinda icaha mu buryo bw'umubiri, yambaye umubiri w'umunyavyaha, yabandanije abonekana afise imico y'Imana, yongera ayigaragariza isi. Kristo yipfuza ko abamukurirkira berekana iyo mico nyene mu buzima bwabo."—*Ubuntu bw'Imana butangaje,* p. 322.

## 3. UBUTUMWA BW'IMBURI

Kuwa 16 Ruheshi

a. Nigute umumarayika yabwiye ababa I Babuloni? Ivyahishuwe 18:2.

"Umumarayika yari yarahawe ububasha n'icubahiro gikomeye, igihe yamanuka, isi yamurikiwe n'ubwiza bwiwe. umuco wari ukikije uyo mu marayika wamurikiye isi yose, igihe yavuga n'ijwi rirenga, rikomeye... ubutumwa bw'ugusenyuka kwa babuloni, nk'uko bwatanzwe na marayika wa kabiri bwasubiwemwo, hongeweko kuvuga ibihumanya vyagiye vyinjira mu mashengero kuva mu 1844."—*Inyandiko zibanze,* p. 277.

b. Nigiki carikuzohinduka I baburoni kuva igihe ubutumwa bwa Marayika wa kabiri butangazwa ubwambere? Ivyahishuwe 18:3.

Ubutumwa bwa Marayika wa kabiri bwo mu vyahishuwe 14 bwigishijwe bwambere mu mpeshi mu 1844, kandi ico gihe bwari bufise ishingiro rikomeye ku mashenegero yo muri reta zunze ubumwe, aho itangazwa ry'urubanza ryari ryaramamaye, kandi hari naho ugusubira inyuma kwa mashengero kwihuta cane. Ariko ubutumwa bwa Marayika wa kabiri ntibwigeze bwuzura neza mu 1844.

Amashengero yagize ugusubira inyuma, bitewe no kwanka umuco w'ubutumwa bw'abategereje; ariko ukwo kugwa ntikwari kwuzuye, barushirije gusubira inyuma cane buri uko bakomeza kwanka ukuri gukomeye kw'iki gihe, kubwivyo ntibishoboka kuvugwa ko babuloni yaguye kuberako yatumye amahanga yose anywa kuri vino, niyo burake bw'ubusambanyi bwiwe. Ntirongera kugira amahanga gukora ibi. Impwemu yo kwishushanya n'isi no kwirengagiza ukuri kw'igeragezwa kw'ikigihe irahari kandi yagiye ikwiragira mu mashengero y'ukwemera kwagi protestantimu bihugu vyose vy'abakirisu; kandi aya mashengero ari mugikorwa gikomeye kandi giteye ubwoba gitangazwa na marayika wa kabiri. Ariko igikorwa c'ubuhakanyi ntikirashika ku musozo Waco. "Bibiliya ivuga ko imbere yukuza kw'Umwami, satani azokora ibikorwa mububasha bwose, ibimenyetso n'ibitangaza vy'ibinyoma vyo kutagororoka; kandi abatigeze baronka urukundo rw'ukuri, kugira bashobore gukizwa, bazokwakira ubuzimire, bizere ibinyoma. 2 Abitesaronike 9-10. Si gushika gusa iki kintu kizoba caragiye mungiro ko amashengero aziyunga n'isi kugira ngo habe isenyuka rya babuloni. ihinduka rigenda buhorobuhoro ishigwa mungiro ryo mu vyahishuwe 14:8 riri imbere yacu. *Intambara ihambaye, pp.389,390.*

## 4. IMBURI YANYUMA

Kuwa17 ruheshi

Ni uwahe muhamagaro ukenewe kumvikana nabo bakiri muri babuloni? Ivyahishuwe18:4.

"Mu Ivyahishuwe 18 herekana igihe, aho kizoba ari nk'ingaruka yokwanka imburi y'ubutumwa bwabamarayika batatu bo muvyahishuwe 14:6-12, ishengero rizoba ryashitse mugihe ca hanuwe na marayika wakabiri, abantu b'Imana bakiri I babuloni bahamagarirwa kwitandukanya nayo mu bibi vyayo. Ubu butumwa ni ubwanyuma buzotangwa mw'isi, kandi ni bwo buzorangiza igikorwa. Igihe abatigeze bizera ukuri, ariko bakagira ibibanezera vy'ukutagororoka (2abitesalonike 2:12), bazisanga mubuyobe bizera ikinyoma, ariko kuri abo bose bugururiye imitima yabo umuco w'ukuri uzoherako ubamurikire kandi abana b'Uhoraho bagumye muri babuloni bazokwumva umuhamagaro: 'Bantu banje nimuve iwe'(ivyahishuwe 18;4 ."—*Intamba ihambaye,* p. 390.

b. Nibande bitwa 'abantu banje' bahabwa umuhamagaro wo gutandukana na babuloni? Yohana 10:16

"Nubwo hari umwiza mu vyampwemu no kwitandukanya ku Mana mu mashengero ayo agize babuloni, Imitima ikomeye yabakurikira vyukuri Kristo iricahari. Hari benshi muri abo batigeze babona ukuri kw'iki gihe,hari abatari bake badahagijwe nuko babayeho kandi barindiriye umuco umurika gusumba.Barondera kubona ishusho ya Kristo mw'ishengero barimwo, uko ayo amashengero agenda aja kure yukuri ,akifatanya n'isi niko hazoba itandukaniro hagati yiyo migwi ibiri rizogenda ryaguka,bikazorangira itandikanye .hazogera aho abakunda Imana kuruta vyose bazitandukanya nabakunda ibinezeza kuruta Imana;bafise ishusho yo kuyubaha ariko bagahakana ububasha bwayo.' "—Ibid., p. 390.

c. Kuberiki umuhamagaro woguhunga babuloni wihutirwa? Ivyahishuwe 18:5–8

Umuco wasutswe kubari bategereje wakwiragiye hose, kandi abo bari mu ma shengero bari bafise umuco, batigeze birengagiza kwanka ubutumwa bw'Abamarayika batatu, bumviye umuhamagaro bitandukanya n'ishengero ryasubiye inyuma.
Inyandiko zibanze, p.27

## 5. ITEGURE GUTANGA UMUHAMAGARO

Kuwa 18 Ruheshi

a. Sigura akamaro k'ubutumwa bw'imburi busobanutse kandi budomako. Yesaya 58:1; 1 Abikorinto 14:7, 8.

---

"Igice ca cumi n'umunani co mu vyahishuwe herekana akamaro ko kuvuga ubutumwa muburyo butagira urugero, ariko mu butwari no mububasha...hagiye haba ukuzunguruka cane mugushikiriza ubutumwa bw'umumarayika wagatatu." —*Evangelism,* p. 230.

"Imana yashatseko abarinzi bahaguruka, kandi mu majwi yunze ubumwe bashikirize ubutumwa budomako, bavuze inzamba ifise ijwi ryumvikana neza, kugirango abantu bose bahaguruke ku bikorwa vyabo kandi bagire uruhara rwabo mugikorwa gikomeye. Maze umuco ukomeye, wuwo mumarayika wundi yamanutse avuye mw'ijuru afise ububasha bukomeye, isi ishobore kuzuzwa n'ubwiza bwiwe. Twasigaye inyuma, kandi abakiri mu mwiza bariko batevya iterambere ry'ubutmwa. Imana yipfuzako buva mu namama yabereye I Minneapolis nk'itara ryaka, bategerezwa guca bugufi imbere y'Imana bakabona kandi bagatahura ingene igikorwa casubiye inyuma kubw'ubuhumyi bwo mubwenge bwabo no gukomantaza imitima yabo." —*The Ellen G. White 1888 Materials,* p. 1070.

b. Ni uwahe muhamagaro wa Yesu dushobora gushira k'umutima umwe wese? Yohana 12:35, 36.

---

"Uwundi mumarayika yungika ijwi ryiwe niry'Umumarayika wagatatu, isi yose imurikirwa n'ubwiza bwiwe. Umuco uriyongera, umurikira amahanga yose yo mw'isi. Tugomba gutwara umuco nk'itara, uzoherekezwa n'ububasha bukomeye, gushika aho imirasire nk'iyinzahabu ikwiragiye kuri buri ndimi zose, ku bantu bose, no kumahanga yose, n'isi yose. Ndabaza, ni giki uriko urako ku kwitegurira iki gikorwa? wubaka vy'ibihe vyose? mukwiye kwibuka yuko uwo mu marayika ahagarariye abantu bose bafise ubutumwa bwo gushikiriza isi. Woba uri muri abo bantu."—*Urwibutso n'integuza,* August 18, 1885.

## IBIBAZO VYO KWISUZUMA KURI BURI WESE

Kuwa19 Ruheshi

1. Sobanura uko roma ihuye n'ikirango ca babuloni, nyina wa bamaraya.
2. Ni ubwahe bw'iza bw'ukuri bw'Imana ubwo buzerekanwa n'uyuni mu marayika?
3. Nikubera iki ubutumwa bwa marayika wakabiri butegerezwa gusubirwamwo?
4. Nihe hari cane abakurikira vyukuri Yesu uyu munsi?
5. Nigute noshobora guteza imbere igikorwa c'Imana gusumba kugisubiza inyuma uyumunsi.



# IHEREZO RYAHANUWE

**Umurongo wo gufata kumutwe:** "Ivyagira kuri ya ntebe iravuga iti, raba vyose ndabihindura bisha. kand'it'andika, kukwayomajambo ar'ayo kwizerwa n'ayukuri." (Ivyahishuwe 21:5).

**Ibitabo vyifashishijwe:** *Inyandiko za kera* pp. 279–295

"Isi yacu ntoya, iri munsi y'umuvumo w'icaha iyo umwiza wasibanganije ubwiza bw'irema ryiza ry'Imana. Izohabwa icubahiro kuruta izindi si zose mu biremwa vyose vy'Imana."—*Uwipfuzwa ibihe vyose* p. 26.

## 1.IVYAGO NDWI VYA NYUMA

Kuwa 21 ruheshi

a. Nibiki bihishugwa kubijanye n'urubanza rw'Imana bizosukwa kw'isi? Ivyahishuwe 15:1; Igice 16.

---

"Nabonye ivyago indwi vyanyuma bigiye gusukwa kuri abo bose batagira ubuhungiro; Yamara isi yabifashe nkaho ari nk'imitonyi y'imvura igiye kugwa. Naciye nshobora kwihanganira ububi bw'ivyo vyago ndwi vyanyuma, uburake bw'Imana, Nabonyeko ishavu ryayo ari iriteye ubwoba kandi iramutse irambitse ukuboko kwayo, canke ikakumanika n'uburake, ababa kw'isi bari kuba nkaho batigeze kubaho canke bakagwara ingwara zidakira n'ibibazo bikomeye bikabazako, ntibashobore kuronka ugutabarwa, ahubwo bakarimburwa navyo."—*Inyandiko zibanze,* p. 64.

b. Ni ubwahe bundi buryo iyo shusho nyene isobanurwa? Yeremiya 25:30–33; Ivyahishuwe19:17–21.

---

"Abanyakibi bamaze kurenga urubibe kw''igihe cabo co kwihana; Bahora bagwanya Mpwemu w'Imana, yakuweho burundu. ntibagifise uburinzi bw'ubuntu bw'Imana, ntakibakingira umwansi bafise. Satani azoteza ababa kw'isi mubibazo bikomeye. Igihe Abamarayika b'Imana bazohagarika gufata umuyaga w'uburake kubw'imbabazi za kimuntu, ukudahuza n'ukutumvikana bizoca birekurwa; isi yose izoba mukaga karuta uko yerusaremu yak era yarimeze."—*Intambara ihambaye,* p. 614.

## 2.UKUGARUKA KWA KABIRI

Kuwa 22 Ruheshi

a. Ni gute igitabo c'ivyahishuwe gisigura ukugaruka kwa kabiri kwa Kristo? Ivyahishuwe1:7; 6:15–17.

---

"Amaso yacu yerekeje I burasira zuba, igihe agacu gato kirabura kaboneka nk'igice c'ikiganza c'umuntu, ico twese twamenye ko cari ikimenyetso c'umwana w'umuntu. Twese twitegereje mugacerere gakomeye ico gicu uko cakomeza kutwegera gitanga umuco, ubwiza bukomeza kwiyongera, kugezaho kiba igicu kinini. Munsi yaco habonekana nk'umuriro, umunywamazi hejuru yaco, mugihe iruhande yaco hari abamarayika ibihumbi cumi, baririmba indirimbo yakaraboneka, kuri co havyagiye Umwana w'umuntu, afise umushatsi wera mwiza umanuka kubitugu vyiwe; kandi kumutwe wiwe hari amakamba. Ibirenge vyiwe hari ishusho y'umuriro; mukuboko kw'iburyo kwiwe yari afise umuhoro ukarishe; ibumoso afise inzamba y'ifeza. Amaso yiwe yari ameze nk'ibirimi vy'umuriro, ayo arondera abana biwe hirya no hino. Mumaso hose harahindana, kandi abo bose banse Imana bari mumwijima. Twese turirira rimwe, 'ninde azoshobora guhagarara? Mbega umwambarowanje ntiwanduye? Maze abamarayika bahagarika kuririmba, haba agacerere gateye ubwoba, maze Yesu aravuga: abafise amaboko atanduye kandi bafise imitima itanduye bazoshobora guhagarara; Ubuntu bwanje burabahagije. Kubwibi mu maso hacu haramurikiwe, umunezero wuzura buri mutima, Nuko abamarayika batera ijwi hejuru bararirimba kandi, igicu kirushiriza kwegera kwisi.'."—*Inyandiko zibanze,* pp. 15, 16.

b. Nigiki Abamarayika bazokora? Matayo24:31; 1 abitesaronike 4:16, 17.

---

"Ishusho mvajuru yahinduwe, irononwa n'icaha. ariko Kristo yaje kurondera icari carazimiye. Azohindura imibiri yacu ibora, ayambike umubiri w'ubwiza bwiwe; ishusho ipfa, itagira ubwiza na buke, iyigeze kwononwa n'icaha, izoba nziza kandi idapfa. "Abamarayika bazokoranya abatowe biwe kuva kumpande zine, kuva kumpera imwe y'ijuru gushika kuyindi, abana bato bazoshikirizwa abavyeyi babo mu maboko, incuti zari zaratandukanijwe n'urupfu zizongera kubonana ntizizotandukana ukundi, bazoduga umugwa w'Imana baririmba indiirmbo z'umunezero"—*Intambara ihambaye,* p. 645.

c. Nihehe satani azoshirwa? Ivyahishuwe 20:1, 2.

---

Aha niho satani azoba hamwe n'abamarayika biwe babi imyaka igihumbi abohewe mw'isi, ntazoba yemerewe kuja kuyandi masi kugerageza no kugwisha abo bose batigeze bagwa."—Ibid., p. 659.

## 3. URUBANZA

Kuwa 23Ruheshi

a. Nigiki abera bazoba bariko bakora mugihe c'imyaka 1000 satani aboshwe? Ivyahishuwe 20:4–6; 1 Abikorinto 6:2, 3.

---

"Mugihe c'imyaka igihumbi hagati y'umuzuko wambere n'uwakabiri hazoba urubanza rw'abanyakibi. Intumwa Pawulo iravuga kuri ururubanza nk'ikintu kizokurikira ukugaruka kwakabiri kwa Kristo.Daniyeri aravuga igihe cakera kije , urubanza rwahawe abera b'Isumba vyose(Daniyeli7:22)Muri ico gihe abera bazoba bima nk'Abami n'abaherezi b'Imana.Ni murico gihe nk'uko Paulo yabihanuye 'Abera bazocira isi urubanza.' 1abikorinto 6:2. Barikumwe na Kristo bacira abanyavyaha urubanza , bagereranya ibikorwa vyabo n'igitabo c'amategeko,na Bibiliya ,kandi bagafata ingingo hakurikijwe ibikorwa vyabo bakoze bakiri mumubiri.Umugabane w'abanyakibi uzoba ukubabazwa,hakurikijwe ibikorwa vyabo;kandi bakandikwa amazina yabo mugitabo c'urupfu."Satani n'abamarayika babi nabo bazocirwa urubanza na Kristo hamwe n'abantu biwe. Pawulo aravuga: Ntimuzi yuko tuzocira Abamarayika urubanza (1 Abikorinto 6:3) umurongo 3. kandi na Yuda aravuga ati: N'abamarayika batagumye mubukuru bwabo, ariko bataye ahantu habo ibarindira kuzocirwa kw'iteka ryo ku munsi uhambaye, bari mu minyororo idashira no mu mwiza. Yuda 6."—*Intambara ihambaye,* pp. 660, 661.

b. Nigiki kizoba mw'irangira ry'imyaka 1000 y'urubanza? Ivyahishuwe 21:2; 20:7, 8.

---

"Mwirangira ry'imyaka igihumbi hazoba umuzuko wakabiri. abanyakibi bazozugwa mubapfuye barenguke imbere y'Imana basomerwe urubanza. Yesaya aravuga kubijanye n'abanyakibi: Bazokoranirizwa hamwe, nk'ukwimbohe zikoranirizwa hamwe mukazu k'I bwina, bugaranirwe mw'ibohero, kandiminsi myishi niyashira bazohanwa (Yesaya 24:22)."—Ibid., p. 661.

c. Ni iherezo ki ryabanyakibi? Ivyahishuwe 20:9; Malaki 4:1.

---

"Mu muriro utongora, abanyavyaha bazoranduranwa burundu, n'imizi n'amashami; satani niwe mizi, abamukurikira bakaba amashami. Igihano cose c'amategeko kizoba gishitse, ibisabwa n'ubutungane bishitswe, kandi ijuru n'isi babibone bavugeko ubutungane bw'Imana ari ubwukuri. ."—Ibid., p. 673.

## 4.ISI NSHASHA

Kuwa 24 Ruheshi

a. Sobanura isezerano ry'Imana ryoguhindura ibintu vyose bishasha. Ivyahishuwe21:1, 5; 22:1, 2; Yesaya 65:17.

"Igikorwa co gucungura kizoranguka. Aho icaha ciyongereye, Ubuntu bw'Imana buziyongera kuruta. Isi yo ubwayo ikibanza satani yafata nkiciwe ntikizocungurwa gusa ahubwo kizohabwa icubahiro. Isi yacu nto iri munsi y'umuvumo w'icaha cazanye umwiza mubiremwa vyiza vy'Imana, Aha Umwana w'Imana yabaye umuntu, aho umwami w'ubwiza yabayeho ababazwa agapfa, aha azohindura ibintu vyose bisha, Ihema ry'Imana rizoba hagati mu bantu biwe, kandi Imana ubwayo izobana nabo nawe azobana nabo, abe Imana yabo. Kandi ibihebidashira, abacunguwe bazogenda mumuco w'Umwami, bazo muhimbaza kumpano yiwe itavugwa –Emanuweli, Imana irikumwe natwe.' "—*Uwipfuzwa ibihe vyose,* p. 26.

b. Ni iryahe tandukaniro ryo mw'isi nshasha ? Yesaya 65:21–25; Ivyahishuwe 21:4.

a.

Ntamibabaro izoba mw'ijuru, nta marira, ntaguhamba, ntamaborogo.............

Mu mugwa w'Imana ntajoro rizobayo, 'ntawuzigera akenera ikiruhuko, ntamiruho izobayo mu gukora ivyo Imana ishaka no guhimbaza izina ryayo. Tuzokwama twiyumvamwo ugusubizwamwo inkomezi kandi ntibizogira iherezo, kandi ntibazorinda kubonesherezwa n'itara canke kwakirwa n'izuba, kuk'Umwami Imana ariyo izobakira, (ivyahishuwe 22:5). Urumuri rw'izuba ruzosubirizwa n'ubwiza butababaza amaso, ariko ruruta cane imirasire y'umuco wo mumasaha yo hagati mugatondo'"—*Intambara ihambaye,* p. 676.

Muri Bibiliya ubutunzi bw'abacungugwe bwitwa 'igihugu' Abaheburayo 11:14-16. Umwungere wo mw'ijuru ayobora umukuku wiwe ku masoko y'amazi y'ubugingo. Igiti c'ubugindo cera ivyamwa vyaco buri kwezi, kandi ibibabi vyaco bizoba ivyo kuvura amahanga. Aho hari imigezi y'amazi adakama isukuye imeze nk'ibirahuri, kandi iruhande yayo hari ibiti bihungabana bitanga agatutu kunzira zateguriwe abacunguwe n'Uhoraho. Aho ibiyaya binini vyiyongera bikaba imisozi minini y'ubwiza, kuri ivyo biyaya vy'amahoro, iruhande yiyo migezi y'ubugingo abantu b'Imana, bamaze igihe kinini bayerera bazoharonkera icumbi."—Ibid., p. 675.

## 5. IRARIKWA N'UMUHEZAGIRO

Kuwa 25 Ruheshi

Ni ayahe majambo Yesu yakoresheje mugutera umwete abasomyi bubuhanuzi bwo muvyahishuwe? Ivyahishuwe 22:7, 12–14.

"Umwami ubwiwe yahishuriye umukozi w ayo ibiri muri iki gitabu, kandi ko ashaka ko cugurugwa kugira bose bacigireko. Ukuri kwaco kwerekeza kubariho mugihe canyuma c'amateka y'isi, cokimwe no kubabayeho mugihe ca Yohana. Bimwe muri ubu buhanuzi vyarabayeho, ibindi navyo biriko biba, hari ivyerekana iherezo ry'intambara ikomeye hagati y'inkomezi z'umwiza n'Umwami w'ijuru, bimwe vyerekana intsinzi n'umunezero vy'abacunguwe mw'isi nshasha. "Ntihagire uwibaza impamvu adashobora gusobanura insiguro yaburi kimenyetso co muvyahishuwe ko ataco bimaze kuriwe mu kurondera kugirango amenye ukuri kukirimwo. Uwahishuriye Yohana ibiri muri iki gitabu azoha uwushakashaka vy'ukuri n'umutima akaryo ko kumenya ivy'ijuru. Abo bafise imitima yuguruye kwakira ukuri bazoshobozwa gutahura inyigisho zaco, kandi bazoronka imigisha yasezeranywe kubumva amajambo y'ubuhanuzi kandi bakubahiriza n'ivyanditswe muri co.' "—*Ivyakozwe n'intumwa,* pp. 584, 585.

b. Ni gute Kristo adutumirira kurondera ubuzima bw'ibihe vyose n'amahoro muri we? Ivyahishuwe22:17; Yesaya 55:1; Yohana 7:37, 3

"Ijwi rya Kristo riricatumirira abafise inyota, riraturarikira n'inkomezi nyishi mbere zisumba nabaryumvise mu rusengero kumusi wanyuma basangira nawe. Amasoko aruguruye kuri bose, abarushe n'abaremerewe bahabwa gusubizwamwo ubuzima budahera. Yesu aracahamagara: 'nimba hari ufise inyota naze aho ndi anywe'.' "—*Uwipfuzwa ibihe vyose,* p. 454.

## IBIBAZO VYO KWISUZUMA KURI BURI WESE

Kuwa26 Ruheshi

1. Nigute ivyago bizotuma isi igera kw'iherezo ryayo?
2. Nibande bazoshobora guhagarara igihe Kristo azoba agarutse?
3. Sobanura intumbero y'urubanza mugihe c'imyaka 1000.
4. Nigiki kizoba icumbi ry'abacunguwe?
5. Mbega noba nshaka n'umutima wanje wose kuzoba mubagize ubwami bw'Imana bwibihe vyose?

# amashikan wa y'isabato ya mbere



**Kw'isabato, Ndamukiza 4, 2026**

## icicaro gikuru ca misiyoni y'ubutaliyani

nico gihe co kwagura iki kigo gifise akamaro ko guhindura, ngo giheshe Imana icubahiro. (Raba p. 4)



**Kw'isabato, Rusama 2, 2026**

## Misiyoni zo kw'isi

imitima y'agaciro iri mu mwiza irakene vyihuta kumenya ukuri kw'iki gihe—kandi turashobora gufasha ngo tukubashikaneko.



**Kw'isabato, Ruheshi 6, 2026**

## Inzu yo gusengeramwo muri Prague

Reka duhaguruke twubake inzu yo guhesha icubahiro Imana muri iki gisagara gifise amateka atangaje y'ivugurura! (Raba p. 51)